# Kubera Iki Mpwemu Yera Yatanzwe?

Jeffersonville, Indiana, USA

17 Kigarama 1959

1 Murabona, mwene Data Neville arizera ivyo kurambikakoibiganza.

Ndabona ndafise ibibazo kanaka. Rero nzobishikako ejoku mugoroba, kubera ubu nta mwanya mfise wo kubibarabira, kumbure mu Butumwabwa nyuma ku mugoroba. Rero, nimba hari uwufise ikibazo na kimwe kuri ubuButumwa, mubisige gusa umugoroba umwe, ndashobora kubitora umugoroba ukurikira.

Rero ejo, ku mugoroba nari nipfuza kubona cankekugira, nakwo abakozi b'Imana bamwe, nimba bishoboka; bidashobotse naho, habonekeabagabo beza, bashikamye canke abagore abo twoshobora guhamagara mu gihe bibayengombwa, muri bino bikorwa…

Ejo ku mugoroba tuzotangura, inyuma y'Ubutumwakurambika ibiganza, kandi, kubwa Mpwemu Yera. Aho rero, hazobaho i…Murafiseakaryo ko kwigumira hano mubishatse, muri kino kiruhuko cose, nimba bifata ico gihecose kugira mupfe. Kandi aho rero - rero, bitabaye ukwo mukaba mwipfuza kuja mumihira yanyu, burya twohimbarwa hamwe mwokwinjira mu kibanza aho mu…Ntuzi gusaaho woja…

Dushaka kuronka abakozi b'Imana kanaka, amanimeroyabo, nimba ari abashitsi; amanimero yabo, aho baba, aho twobasanga vyihuse; kugiraumwe aje mu nzu, canke mu yindi, kugira agire ico ababwiye, mwebwe mugiyekurondera uwo mugezagiro w'ubwiza turiko turavugako, umubatizo wa Mpwemu Yera.

2 Ejo hahise n'imugoroba twariko tuvuga "ico Yari Ari." MpwemuYera Yari Ari Iki? Kandi twarabonye ko Ari hafi buri kintu cose ImanaYadusezeraniye. Uh-Uh. Muri We twasanzemwo ico Ishengero ry'Imana ryokeneyecose. Twasanze ari ikidodo, Umwitsa, uburuhukiro, n'umunezero, n'amahoro, n'izuka.Ivyo Imana Yasezeraniye Ishengero vyose, biri muri Mpwemu Yera. 4 Kano kanya rero, kw'uyumugoroba tugiye kuvuga ubutumwa kuri, nakwo tuvuge ku, twigishe ku…hano mfiseimpapuro nka zitatu canke zine z'ivyo nanditse, nakwo Ivyanditswe, bijanye naWe, ivyo muri vyo…Ejo naribagiye agatabu kanje karimwo ukuntu bikurikira, kandisinagarutse kukarondera. Rero vyasavye ko nkora ukwo nshoboye uyu munsi kugirandonke Ivyanditswe.

3 Rero, ejo ku mugoroba…Kw'uyu mugoroba tugiye kwigisha kuri:Ni Iyihe Mpamvu Yatumye Imana IrungikaMpwemu Yera? Kugira Akore iki? Ni ikintu gihambaye cane, ariko none kuberaiki Imana YaMurungitse?

Gurtyo ejo naho ku mugoroba dushaka kuzovuga kuri: Ni Kubwawe? Na Ni gute uMuronka? Na UmenyaGute Ko Wamuronse?

N'uko nitwamara kuvyinjiramwo, hamwe n'Ivyanditswe, tukabisiguratwisunze Ivyanditswe, dukoresheje Ivyanditswe muri vyose, rero abarikobararondera Mpwemu Yera bazoca begereza. Aho rero, ndizigira ko ikanguro rizocaritangura, uhereye ubwo, rice ribandanya hamwe na Mpwemu Yera.

Rero, kubera ejo mw'ijoro kumbure hashobore kubabenshi bazoguma umwanya muremure mu vyumba kw'ishengero, ndabona hamwe tworonkaabakozi b'Imana benshi n'abantu bafise uburambe mu kurongora abantu kwakiraMpwemu Yera, kubatera intege, kujana muhira hamwe n'umu - n'umugore n'umugabowiwe, canke - canke hamwe n'umuntu ariko ararondera Mpwemu Yera, abigishijweneza ingene bikorwa.

Hamwe mwoha gusa umwungere nimero zanyu za terefone cankemukamugenekereza aho muba, kw'uyu mugoroba canke ejo ku mugoroba. Muze kubihemwene Data Neville, bizotugabariza igikorwa co guhura kubw'igikorane. Nimutangegusa inimero zanyu za terefone, aho dushobora kubasanga. Hanyuma uvuge uti:"Nzoba niteguye, kandi n'ubwo…mushatse kunshira mu nzu kanaka." Nimba ari umu -umugore yibana, aho dushobora kumurungikira umugore, murabona, tukamurungikakw'uyo mugore. Hanyuma ari urugo rurimwo umugabo n'umugore wiwe, aho rero, turashoborakurungikayo umukozi w'Imana.

Tuzonezerwa nimwafashanya, kubera ndazi umwe wese,umwe wese muri mwebwe, muragikeney kino kintu, ni nyamukuru cane. Kandimwibuke: "Uwukiza mwene mu caha aba afutse ivyaha vyinshi." Murabona? Umugeniwa Kristo nawe afise inzara n'inyota. Afise imibabaro yo kuramukwa, kugiraavyare abana b'Imana.

4 Rero, ku mugoroba w'uyu munsi, imbere yuko dusoma Ivyanditswe,twunamike imitwe yacu gato kubw'amasengesho. Imbere yuko dusenga, mwebwemwunamitse imitwe, mwoba mufise umutwaro? Nimukirize gusa ibiganza maze muvugemuti: "Mana, ndadugije ikiganza cane koko. Hari ico nkekeye. NdaGusavye Uzekumfasha, Ô Mwami." Imana Ihezagire umwe wese muri mwebwe. Irabona ibiganza vyanyu.Abamarayika banditse imitwaro yanyu.

5 N'uko Data wo mw'Ijuru, kano kanya turaje, twegerezaWewe ubugira kandi mu masengesho. Ntidukekeranya ko iri sengesho ryamazegusengwa hagati y'abana b'Imana uyu mugoroba, muri kino kibanza gito, hamwe nazino ndirimbo zaririmbwe, natwe twazamuye imitima mu munezero w'impundu muguhimbaza Imana.

Dawidi yavuze yuko yoje mw'ikoraniro ry'abera mazeakamenyekanisha imitwaro yiwe. None kano kagoroba, hari ibiganza vyinshivyakirijwe. Kumbure, birashoboka, novuga ibice mirongo icenda kw'ijana mur'ababicaye hano mw'iyi nyubakwa uyu mugoroba bazamuye ibiganza vyabo kubw'imitwaro.Mwami, vyerekana yuko tudashoboye kubandanya tutari kumwe na We. Dutegerezwa kuKugira,ukwo bukeye ukwo bwije. Ni WeWe Bugingo bwacu, umunezero wacu, amagara mezayacu, inkomezi ziduhagarikiye, icishimikizo cacu, inkinzo yacu, igihomekidukingira umwansi.

Kandi ntitwoshobora kurwana iyi ntambara y'ubuzimatutaGufise. Ntivyodushobokera na gato, n'uko dutegerezwa kuKwishikanira burundu.Kubera, turazi yuko turiko tugendera mw'isi y'umwijima w'umuzitanya. Hoseumwansi yatuzigirije, yaduteze imikwabu n'imitego itandukanye. Inzira yacuMwami yuzuyemwo imitego y'umwansi kugira aduteshe umutwe.

6 Kandi natwe turazi yuko ku mpera ya runo rugendodutegerezwa guca muri ca kiyaya kirekire c'umwijima citwa rupfu. Ôo, Mwami, ninde azodufata ukuboko? Tugomba kuKumenyakano kanya nyene. Dushaka kumenya ko udufashe ukuboko, ko dufashe ukwaWe, kugiradushobore kugira ukwo gushira amanga gushinze inanga, ku buryo, nitwashika muriico gihe ca nyuma c'ubuzima bwacu, kuri rwa rwinjiriro ruca mu munyângo witwa rupfu,tuzoshobore kuvugira hamwe na mweranda w'aho hambere duti: "NdaMuzi mubushobozi bwiWe bw'izuka, kandi ndazi niyahamagara, nzosohoka mu bapfuye."

Rero Mana Data, turaGusavye Uze guhezagira ivyotwasavye n'ugukorana kwacu. Hezagira Amajambo yaWe. Kandi hamwe novuga ikintukinyuranye n'Ijambo ryaWe canke n'ubugombe bwaWe, Urafise ubushobozi bwokwugara akanwa kanje, nka kumwe Wabigenza muri rwa rwobo rw'intambwe hamweDaniyeli yari. N'uko turasavye Mwami, yuko Wokwugurura amatwi n'imitima kanokagoroba, yuko, maze Ubirememwo inzara n'inyota. Reka banyoterwe ku buryobatataba bagishobora kuryama canke ngo baruhuke, na hamwe, gushika Umwatsa Aje.

7 Turizera yuko tubaye mu minsi c'iherezo, mu gitutuc'Ukuza kwiWe. Kandi ico nico ubu Butumwa bugenekerejweko Mwami. Ni kugiraabantu bagabe, baronke imburi. Rero kano kagoroba, reka dukureho ca gishishwatugite ku ruhande, tuvuge duti: "Mwami Mana, ndi ikivomesho caWe. Reka MpwemuYera Yisuke Aciye muri jewe. Nconga wongere Umbumbabumbe ukwo Ugomaba. Umutimawanje, inkomezi zanje, vyose ndabiKweguriye.

Twishure Mwami. Ntituri hano kugira twiyerekanekuri uyu mugoroba w'urunyanyaga. Eka mbere ntituri hano kubera twabuze ahandiho kuja. Turi hano dufise mu mitima yacu intumbero imwe rudende ntabanduka,itunganye, yera, iyo nayo n'uko tuKwegera, tuzi yuko Wasezeranye ko tuKwegereyena We Wotwegereye. Iyo niyo mpamvu turi hano. Uwinjira ashonje ntazosohokaagishonje. "Hahirwa abafise inzara n'inyota vyo kugororoka," ni Yesu Yabivuze,"kuko bazohazwa." Kandi dusavye umutsima, ntiduhabwa ibuye. Turafise ukwogushira amanga. Dusavye ifi, ntiduhabwa inzoka. Ariko Imana, Data wa twese, Izodufungurirakuri Manu yo mw'Ijuru, Ijambo ryaYo na Mpwemu waYo, biYishingira intahe. Ishuraamasengesho yacu, Mwami, hamwe n'ivyo twasavye, mu gihe tubandanya tuKwiteze. Nimw'Izina rya Yesu Kristo dusenze. Amen.

8 Ubu rero kuri mwebwe abandika bino Vyanditswe ahantu, hamwemwozingururirira hamwe naje muri Yohana Mweranda, ikigabane ca 14. Tugomba dutangurire ku kigabane ca 14 co muri Yohana Mweranda. Rero reka duhere amajaku murongo wa 14, Yohana Mweranda 14:14, maze dusome umugabane w'Ivyanditswe. Kandimuri ibi muraza kubona insobanuro yagutse y'ivyo ngomba mvugeko kano kagoroba.

Kandi mwibuke, mwebwe mufise za Bibiliya zirimwoindome zitukura, ibi biri mw'irangi ritukura. Ni Amajamo Yesu ubwiWe Yivugiye, kubw'ivyorero turashobora kumenya rwose yuko bizoba neza na neza ukwo nyene Yabivuze. "Amajurun'isi bizokurwaho, ariko Ijambo ryiWe ntirizonanirwa."

Ubu rero turahera ku murongo wa 14 w'ikigabane ca 14.

Ni mwagira ico musaba mw'Izina ryaNje, Nzogikora.

Mbega isezerano ry'umugisha!

Ni mwaNkunda, muzokwitondera ivyagezwe vyaNje, naNje Nzosaba Data, na WeAzobaha uwundi Mwitsa, ngw'az' abane namwe Ibihe Bidashira, ni We Mpwemu w'Ukuri, Uwo ab' isi badashoborakwakira, kuko bataMubona,…

Rero mwebwe mwoba muriko murasoma muri Bibiliyay'Ikigiriki, mwoba mubibona hano, atari… Kubonang'aho bisigura "gutahura." "Kubera ab'isi bataMutahura." Ukwo ni Ukurintabanduka. Hinge ndabisubiremwo kandi.

Ni We Mpwemu w'ukuri, Uwo ab' isi badashobora kwakira, kuko bataMubona,kandi bataMuzi; mweho muraMuzi, (Inde? Umwitsa.) Kukw'Abananamwe (muri kubu) kand' Azoba murimwebwe.

Ni iki? Wa Mwitsa nyene.

SiNzobasiga nk'impfuvyi: Jewe Nzo…

Umwe wese arazi yuko iyo "Jewe" ari insigarirazina.

Nzoza kuri mwebwe. Hasigaye igihegito, ab' isi ntibabe bakiMbona, ariko muzombo…ariko mweho muzoMbona; kuko Ndiho,namwe muzobaho. Uwo munsi muzomenya ko Ndimuri Data, namwe muri muri Jewe, naNje Ndi muri mwebwe.

Ivyo nivyo bigiye kuba icishimikizo c'iciyumvirocanje, ariko tugira dusome imbere gato. Hinge nsome ibi navyo kandi, kanokanya.

Uwo munsi (wamunsi uhambaye, wa munsi w'urubanza), Uwomunsi muzomenya ko Ndi muri Data, namwe muri muri Jewe, naNje Ndi muri mwebwe.Uri n'ivyagezwe vyaNje akavyitondera, uwoni we aNkunda, kand' uNkunda azokundwa na Data, naNje Nzomukunda, kandi Nzomwihishurira. Yuda (atari Isikaryota) araMubaza, ati Mwami,bibaye bite, k'Ugira Wihishurire twebwe, ntiwihishurire ab' isi?

Iyoni kosmos, "umukorere w'isi." Nimba mufisevya vyandiko vyo munsi, muraza kubibona. Muri Bibiliya yanje ni agace kari kurudome "g," rero hano munsi handitse "kosmos, canke umukorere w'isi." Ayo niamashengero n'ibindi, murabona.

…bibaye bite, k'Ugira Wihishuriretwebwe, ntiwihishurire ab' isi? Ushobora gukora ivyoUte?

Yesu Aramwishura, Ati Ni hagira uNkunda,azokwitondera Ijambo ryaNje, kandi Data Azomukunda, maze Tuzoza kuri we, Tubanena we. UtaNkunda ntiyitondera AmajamboyaNje,…

Mushoborakwitondera ivyo ishengero rivuga; ariko ni kwitondera ivyo Amajambo yiWe,murabona.

…kand' Ijambo mwumva s'iryaNje, ariko n'iryaData Yantumye. Ivyo Ndabibabariye Nkiri kumwe namwe, arik' Umwitsa, ari We Mpwemu Yera, Uwo Data Azorungikamw'Izina ryaNje, ni We Azobigisha vyose, (iryo ni Ijambo ryiWe) kand' Azobibutsa ivyo Nababariye vyose.

Niiyihe mpamvu yatumye Imana Irungika Mpwemu Yera? Ni Yongere imihezagirokw'Ijambo ryaYo.

9 YesuYavuze ibi, Ati: "Uwo munsi muzomenya ko ndi muri Data, kandi ko Data Ari muriJewe; kandi namwe…Ndi muri mwebwe, namwe muri Jewe." Ubu, iyaba twari tugiyekuvuga kuri ibi…

Rero mwibuke, ibi bigiye kuzoba kuri bănde.

HarihoUmukristo w'umudandaza w'i Louisville yampamagaye mu kanya gaheze. Yavuze ati: "BirababajeBilly, kubona ubwo Butumwa, nka bumwe wavuga ejo, budashikira n'ibihumbimirongo ine vy'abantu ng'aha, bakaba ari amajana atanu na mirongi itanu, cankeamajana abiri, abantu amajana atatu mw'ihema ryawe rito."

Naciye ndamubwira nti: "Mushinganta, mu mezi atandatu uhereye ubu, Yesu Abaye Agitebaganye,isi yose izoba yabwumvise." Murabona?

Aya mabănde arashika kw'isi yose, murabona, hirya no hino hose. Rero kubw'ivyo, aho,twigisha hano ivyo twizeye ko ari Ukuri, kandi ni ivyo tumaze kubona Imana Yemezakuri twebwe ko ari Ukuri.

10 Ubu rero, impamvu, ni iyihe - iyihe yatumye Imana IrungikaMpwemu Yera? Rero, nokwerekana muri Yohana 14, uhereye ku murongo wa 14,ugasoma ico kigabane cose, nk'urufatiro. Intumbero y'Imana, hano turabona, komu kurungika Mpwemu Yera, yari intumbero imwe, kwari kugira Imana ubwaYoIshobore kugerera mw'Ishengero ryaYo gurtyo Ikabandanya imigambi yaYo biciyemw'Ishengero.

N'uko, Imana Yari muri Kristo, Ibandanya ibikorwavyaYo biciye muri Kristo; bivuye muri Kristo, vyinjire mw'Ishengero, Ibandanyeibikorwa vyaYo biciye mw'Ishengero.

Ubu turazi ico Mpwemu Yera Ari. Twarabibonye, ejo hahise n'i mugoroba, yuko We Ari Imana.

Rero, iyo twiyumviriye ku Mana, Uyu Data, nk'uko YesuYabivuze hano, Se wiWe; Imana, Umwana, nka Yesu; Imana, Mpwemu Yera, nk'uko tuMwitauyu munsi, rero ubu, ivyo ntibisigura yuko hariho abaperesona batatu, Imanazitatu zitandukanye. Bisobanura yuko hariho Imana Imwe mu vyubahiro bitatu.

Reka tubivuge gurtya: ivyo Imana Yari vyose, Yabisutsemuri Kristo, kubera Yaricukumbuye Yose ubwaYo maze Yisuka muri Kristo. "Kristo Yariukunengesera kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri." Ivyo Yehova Yari vyose, Yabisutsemuri Kristo.

Hanyuma Kristo na We ivyo Yari vyose Yabisutsemw'Ishengero; atari mu muntu umwe, ariko mu Mubiri wose. Aho rero, iyodukoraniye hamwe mu bumwe, tugira Ubushobozi. Ivyo Imana Yari vyose, vyari muriKristo; kandi ivyo Kristo Yari vyose, biri muri mwebwe.

"Kuko Imana Yambaye umubiri, Ibana natwe." 1 Timoteyo3:16, nimba muriko muravyandika: "Nta gukekeranya, ibanga ryo kwubaha Imanarirahambaye cane: Imana Yaragaragaye mu mubiri, mbere twaraYikozeko. Imana,Yehova, Yarambaye umubiri, Iragendagenda kw'isi, kandi twaraYibonye n'amasoyacu." [Bibiliya y'Umwami Yakobo. -Umw.]

11 Murazi muri iki kigabane nyene, ca Yohana 14, Filipoyavuze ati: "Mwami, twereko, bizoba biduhagije."

Yesu Yaciye Amwishura Ati: "Aho nabaniye namwe,nturagaheba uMenya ga Filipo? Umbonye, uba ubonye Data. None uvuga ute ngoTwereke So?" Imana Yarambaye umubiri.

Ubu rero ng'ibi. Data Yari Imana hejuru yanyu, nikotuvuga. Twariho kuva kuri adamu. Imana, Data, Yari hejuru ya Mose n'abanab'Isirayeli, mu Nkingi y'Umuriro. Hanyuma, Imana kumwe natwe, muri Kristo; Igendananatwe, Ivugana natwe, Isangira natwe, Irarana natwe. Imana hejuru yacu; Imanakumwe natwe; ubu naho rero Imana muri twebwe. Ivyo Imana Yari vyose, vyinjiyemuri Kristo; ivyo Kristo Yari vyose, vyinjiye mw'Ishengero.

Niiki? Imana ikorera muri wewe. Aho ari ho hose kw'isi Yoshaka kuguhamagarirakuja, uba mwahageze, Igakorera muri wewe mu gushitsa ubugombe bwaYo. Ese ukuntutwategerezwa gushima Imana kubw'ivyo! Imana, Mpwemu Yera, Yarungitswe kubw'intumberoy'Imana yo kuba mw'Ishengero ryaYo, Igendagenda muri buri gihe, Ikora nk'ukoubugombe bwaYo bwa Kimana buri.

12 Iyoabantu bagucokoye, si wewe baba bariko baracokora, babababariko baracoUwagutumye. Yesu Yavuze Ati: "Muzoba muhiriwe abantu nibabarementaniriza ubwokobwose bw'ibibi, kubera Izina ryaNje. Muzoba muhiriwe." Ikindi naco: "Abagomba bosekugenda bubaha Imana bari muri Kristo Yesu, bazohamwa."

Kubera, igihe Imana Yimenyekanisha ubwaYo muri Kristo,baraYanse. Ni bande bayanse bimwe bikabije? Ishengero. Ishengero niryo ryaYansebimwe bikabije. BaraYanse bimwe bibi kurusha i - imborerwa. Barayanse bimwebibi kurusha abandi bantu bose. Ishengero niryo ryaYanse. Rero, kubw'ivyo, iyomubonye kosmos, "Umukorere w'isi, ab'isintibaMumenye," bisigura, abigira "ishengero, ntibaMumenye. Yaje mu biWe, arikoabiWe ntibaMwakiriye."

"Ariko abaMwakiriye bose, Yabahaye Ububasha bwo gucikaabana b'Imana, nibo bizeye Izina ryiWe." Ôo, ese ukuntu twategerezwa kuMukunda no kuMusenga! Intumberoy'Imana, naYo Yashaka kuba mw'isangira!

13 Nk'akarorero, imbere yuko tuva kuri iki gisomwa, rekatwifadikize bino: mu gihe ca Rusi, mw'itegeko ryo gucungura, igihe Nawomi yariyavuye mu gihugu ciwe, kubera ibigeragezo, ibihe bigoye. Yaciye aja mu gihuguc'i Mowabu, abo nabo bakaba bari Abakristo bo kw'izina, b'akazuyazi. Kuko, Abanyamowabubăkomoka ku mukobwa wa Loti, rero bari abigira abizera, kandib'uruvangatirane. N'uko rero umugabo wiwe arapfa, n'abahungu biwe bompi. Ari munzira asubira muhira, Nawomi…Rusi na Nawomi, bari mu nzira basubira muhira, umuntuzewiwe…Umwe mu bakazana biwe, Orupa, yavuze yuko yashaka gusubira mu gihugu ciwe,ku mana ziwe, mw'ishengero ryiwe, no mu bantu biwe. Maze Nawomi arageragezagusubiza Rusi inyuma, ariko we aravuga ati: "Abantu bawe nibo bantu banje. Imanayawe niYo Mana yanje. Aho uzogwa niho nzogwa. Aho uzohambwa niho nzohambwa. Rerosinsubira inyuma."

Aho ni igihe umuntu aba yacakiye iyerekwa. Ntaco vyahinduraivyo abantu biwe băvuga ngo: "Urikouja hariya kugira uhinduke umwerandakazi yikumbagaza canke ikintu kanaka." Ivyonta na kimwe vyahindura kuri Rusi. Aho hăriho umugambi w'Imana wategerezwa gushika.

14 Kandi neza na neza nk'uko mushonje Mpwemu Yera kw'uyumugoroba, ni ikintu kanaka muri mwebwe, kiriko kirabasunika, uwo ni umugambiw'Imana mu buzima bwanyu utegerezwa gushitswa, nka kurya nyene vyari bimezehamwe na Rusi.

Iyo nkuru iraryoshe cane! Sinshoboye kuyivako, mukiringo kanak. Murazi icagezwe co gucungura, yuko igihe Bowazi…Murazi iyo nkuruukuntu Rusi yahumbiye mu murima maze aronka ubutoni kuri Bowazi. Rero imbereyuko ashobora kumwabira, yategerezwa gucungura ivyo Nawomi yari yaratakajevyose. Kandi umuntu wenyene yari gushobora gucungura ibintu vya Nawomi vyarivyaratakaye, mu cagezwe co gucungura, yari umuvyeyi wo hafi; yategerezwa kubaumuvyeyi kugira ashobore gucungura. Kandi ni we yari umuvyeyi wiwe wo hafi. Yategerejwegutanga ikimenyetso kiboneka imbere y'abantu, hanze y'irembo, canke icemezoimbere y'abantu yuko acunguye ivyo Nawomi yari yaratakaje vyose. Bowazi mukubikora yakuye ikirato ciwe imbere y'abashingantahe, hanyuma aravuga ati: "Nimbang'aha hariho umuntu afise ikintu cegukira Nawomi, uyu munsi ndagicunguye."

15 Kandi ukwo niko Imana Yabigenje, Yakurikije amategekoyaYo bwite. Imana ntishobora gukurikiza, ntishobora kuguha ibwirizwa rimwehanyuma naYo ngo Ikurikize irinsi. Na Yo nyene Irakurikiza amabwirizwa yaYobwite. Gurtyo nyene, Imana, mu gucungura rya shengero ryazimiye, isi yatakaye, ivyaremwevyatakaye; Imana, Imwe Itagira iherezo muri Mpwemu, mu gucungura ubwoko-muntubwatakaye, Imana ubwaYo niYo Yahindutse umuvyeyi wo hafi, Umuntu, UmwanaYaremeye mu

gitereko ca Mariya. Ica Itanga ikimenyetso, nakwo intahe; hanzey'amarembo ya Yerusalemu, Yaramanitswe hagati y'amajuru n'isi, Arapfa, gurtyo Acunguraibintu vyose. Maze mu kumeneka kw'Amaraso yiWe, Yarejeje Ishengero kugiraAshobore kuribamwo, Agiranire isangira naryo, kagace k'isangira kaburamw'itongo rya Edeni igihe Imana Yahora Iza buri kagoroba, igihe c'ishengero.

Mbega mwabonye? Imana Yahora Imanuka mu kayaga kamanikera, izuba ririko rirarenga. Hariho ikintu kanaka igihe buba butanguyekwira, abantu baca biyumvira kw'ishengero be n'Imana; Abakristo. Ubonye izubarirenze, uca umenya nawe ko izuba ryawe ririko rirarenga.

16 Mu kayaga ko ku kagoroba Yarashobora kumanuka mazeIkagiranira isangira nabo. N'uko iryo sangira Yararitakaje, kubera icaha nticarikuYemerera kurigira.

N'uko rero Yarambaye umubiri Ibana natwe, kugira Irabeko Yoshobora kugaruka ku muntu, maze Ibe muri we, kandi Igarukane umuntu mugihe c'isangira hamwe naYo kandi, Yongere Imuhe uburenganzira Imana YariYaramuhaye. Ico nico Yakoze.

Iyo niyo ntumbero ya Mpwemu Yera. Ni Data, kandi, ImanaData Igerera muri mwebwe, Ishitsa imigambi yaYo, kugira Iheraheze umugambo waYow'incungu; Igakora biciye muri wewe, Ikakugira umukozi akorana naYo; Ikaguhaikibanza, Ikaguha umugabane kubwa mwene Data canke mushiki wacu yaguye, yatakaye;Ikaguha Mpwemu waYo n'urukundo rwaYo, kugira uje kurondera abazimiye, nka kumweYabikora mw'itongo rya Edeni. "Adamu, Adamu, uri hehe?" Ico nico Mpwemu YeraAkora ku mugabo canke ku mugore. Iyo Yinjiye mu mitima yabo agatsimbatazayoicicaro ciWe, haca habayo inyota n'inzara kubw'imishaha yatakaye. Iyo niyo ngoraney'ibikorane iki gihe. Nta gukorwako na Mpwemu guhagije kuba kurimwo, kugirahaje kuronderwa imishaha yatakaye iriko irapfa. Birahagije kugira izina, cankeishengero, canke inyubakwa, canke idini, aho kugira umugambi wo kurokoraimishaha. Mbega ukuntu biteye akagongwe! Twoshobora kubimarako umwanya.

17 Imana Yisutse muri Kristo. Neza cane. Kristo na We Yisutse mw'Ishengero. Kubw'ivyo rero,nimwitegereze: "Uwo munsi muzomenya ko Ndi muri Data, ko namwe muri muri Jewe, kandiko Ndi muri mwebwe. Uwo munsi muzobimenya." None rero ivyo bintu vyose ni wamugambi w'incungu uriko uraba, yuko Imana Iriko Iragaruka kuba mu bantu baYo,Igerere muri bo, Igiranire isangira nabo, kumwe Yahora Ibikora mu ntango.

Kandi rero, niyamara gushikana Ishengero ryaYo ahantu rizobarishoboye kuvuga, Igashikana Ishengero ryaYo aho Ishobora kwicukumbura biciyemuri ryo, rikagira urukundo, rikemezwa, hamwe n'isangira, aho hazoca hababahoEdeni. Izoca Igarukana Ishengero ryaYo hamwe ryaYi - ryaYisiga, rigaruke muriEdeni kandi, hamwe ryagwira. Ryo, ubu…Aho niho ryatereye intambwe yaryo yambere, nakwo ryagwiriye. Aho nyene niho rizogarukanwa, hamwe n'ibigereranyovyose bitunganye vy'ugucungura, bazogarukanwa neza na neza aho hantu nyenekandi.

18 Ishengero ryarabaye mw'isi mu gihe kanaka. Rero Ishengeromu vy'ukuri, inyuma y'ubugorozi, bwa ya myaka igihumbi n'amajana atanu y'ibihevy'umwijima…Luther niwe yabaye umugorozi wa mbere inyuma y'ibihe c'Intumwa. Lutherrero igihe yaza, Imana Yaramanuye gato kuri Mpwemu Imusuka kw'Ishengero, mugutsindanishirizwa. Mu gihe ca Wesley naho nyene Yaricuncubuye ku rugerorurenze gato, mu kwezwa. Rero ukwo igihe catera kibandanya, kigana mu gihec'iherezo, Imana Yarujuje Ishengero ryaYo. Nimwitegereze gusa hirya no hinomurabe nimba ivyo ari Ukuri cane atari kwo.

Nimwihweze igihe c'Abaluteri, mwebwe musoma kahise,mwitegereze ikanguro ryabo n'ivyo bakoze. Nimurabe ukuntu ikanguro rya Wesleyryari iry'inkomezi birushirije, ukuntu bari bafise ubushobozi bwinshibirushirije, ariko mu nkehwa. Nimurabe mu gihe c'Abapentekote, ikanguro nabobari bafise, ukuntu wari umupfunda ukomeye kandi munini.

19 Na ca kinyamakuru c'Abakatolika citwa Our Sunday Visitor, [Umushitsi Wacu woKuw'Iyinga. -Umus.] cemeje yuko Abapentekote baronse abantu bahindukiriye Imanabangana umuliyoni n'ibihumbi amajana atanu mu mwaka umwe, abatabonetse mu yandimashengero yose uyashize hamwe. Abakatolika barongerekanye gusa, bo bavuze kobaronse umuliyoni. Mu kinyamakuru cabo bwite Sunday Visitor, ca kinyamakuru citwa Sunday Visitor, caramenyesheje yuko Abapentekote babarushije.

Kandi mwibuke, uguhindukirira Imana kwa Gipentekote niuguhindukirira Imana kwo kwuzura Mpwemu Yera. Mu ntango, batanguye ari inkehwa,ku nkengera z'ibarabara hanze, bafise a -agatari ka kera. Abagore ntibaribashoboye kwigurira umwambaro w'amasesheti y'imbeho. Bǎma kw'ibarabara ry'indarayi, banobagura intetez'ibigori bagaca bazisya bikaba ari vyo bakoresha mu gucumbira umutsima abanababo. Ariko havuyemwo iki? Ishengero rihagaze neza mu bushobozi mw'isi uyumunsi, atari mu maso y'isi, ariko mu maso y'Imana, kuko Iravyemeza biciye muvyo Iriko Irabakorera. Iriko Irisuka muri bo, Imusuka muri bo.

20 Ubu naho nimwihweze ivyabaye, Imana Yisutse muri bo. Kinogihe Ishengero ryashitse aho, uhereye kuri Luther, Wesley, be n'ikanguro ririku Bapentekote; ubu rero muri kino gihe tugezemwo, ni Umwe

Mpwemu Yera nyene, kurugero rurenze. Kandi igihe barya Baluteri bakizwa kiriya gihe, bǎrōnse umugabane wa Mpwemu Yera. Igihe Abametodistebezwa, ico cari igikorwa ca Mpwemu Yera. Murabona, wari umugabane wa MpwemuYera. "Kugira ngw'abo ntibatunganywe rwose tutari kumwe," niko Icanditswekivuga. Murabona?

Ubu rero, Imana, kubera Umuco watanguye gusayanganamu minsi y'iherezo, Itwitezeko twebwe, ibintu bihambaye. Kubera "Uwahayevyinshi, azobazwa vyinshi." Rero Izotubaza vyinshi cane kurusha ukwo YabibajijeAbaluteri canke Abametodiste, kuko twebwe tugendera mu Muco mwinshi cane, hamwen'Ubushobozi bwinshi cane, hamwe n'intuze ihambaye…igishingantahe gi - gihambayecane irengeye iyo bobo bari bafise. Ubu, turafise igishingantahe gihambayec'izuka. Dufise ibintu bishikamye cane, vya nyavyo cane kurusha ivy obo baribafise.

21 Ni nka kumwe navuga kw'ishure rimwe ryisumbuyery'Ikiluteri, nta gihe giheze.

Bambajije bati: "Twebwe none dufise iki?"

Nca mvuga nti: "Umuntu umwe yateye mu murimaw'ibigori. Bitanguye kumera aca avuga ati: 'Urakoze Mwami kubw'umwi -umwimbuw'ibigori!' Ku rugero kanaka yar'awufise, ariko ako kanya yar'afise imero yambere. Bidatevye, haza umutumba."

Amezeza nayo arasohoka, abo bakaba bari Abametodiste.

Nimwitegereza ivyaremwe, muzobona Imana mu gikorwa.Aho nyene hariho ibanga rifatanye n'igikorwa c'ibango canje. Murabona? N'uko, mwihwejeivyaremwe, mukabona ukuntu vyo bikora, igihe n'umwanya ivyo ari vyo, murashoborakubona aho mubaye. Nimwitegereze igihe.

22 Kur'ubwo rero Abametodiste bari amezeza. Barahindukiyebabwira Abaluteri bati: "Twebwe dufise ukwezwa; mwebwe ntakwo mugira."

Bidatevye muri iryo shurwe ry'amezeza, kur'aboBametodiste, haca havamwo urutete rw'i…igishishwa gitekeye ikigori. Abo bariAbapentekote.

Ng'ivyo rero, ugutsindanishirizwa, intambwe imweyavyo. Ukwezwa, iyindi ntwambwe yavyo. Mpwemu Yera, iyindi ntambwe yavyo; Pentekote.Luther, Wesley, Pentekote.

Ubu rero Abapentekote bakora iki? Ndikondabigereranya, kubera muri Pentekote, ntibigarukana ibabi risa n'urwatsirutoto, canke amezeza, ariko…

Ikigori ntigishobora kubwira amezeza ngo: "Wewe ntacoumariye." Canke ngo amezeza abwire i - ibabi ati: "Ntaco umariye," kubera bwabuzima nyene bwari mw'ibabi nibwo bwatumye amezeza abaho. Bwa buzima nyenebwari mu mezeza nibwo bwatumye igishishwa gitekeye urutete kibaho.

Rero ishengero ry'Ikiluteri niryo ryavuyemwo ishengerorya Wesley. Ishengero rya Wesley niryo ryavuyemwo irya Pentekote.

Ariko Pentekote ni iki? Ni ukugarukanwa kwa bwa bwokonyene bw'urutete bwagwa mw'ivu mu ntango, kugira hagarukanwe ukunengesera kwosekw'Ubushobozi bwa Pentekote biciye mu mubatizo wa Mpwemu Yera, murabona, muminsi y'iherezo. Ôo, ni ikintu gihambaye cane, kwitegereza, kwizera no kwitegereza.

23 Ubu naho muri iki gihe tubayemwo, kino gihe, birengeyePentekote.

Pentekote yaciye igira idini, itangura guhindukirizaivyiyumviro vyose ku madini ivuga iti: "Turi ibi, turi na biriya." Nikamere gusa. Ntaco muri bubikoreko. Ni kamere. Ivyo bazobikora. Niwo mugambiw'uko ivyo babikora.

Ariko Ishengero ryoryo ryabandanije ritera rijaimbere. Ryarinjiye mu bushobozi buhambaye cane. Ni ukugarukanwa kw'ingabire.

Yamara abantu benshi b'Abapentekote ntibizera ugukizaindwara kw'Imana, igikorwa c'Abamarayika, n'ubushobozi bw'Imana. Aya mayerekwampora mbona Abapentekote benshi bayita "ay'umurwanizi." Amadini menshi ntazoshakakugira na kimwe abikorako, muri Pentekote. Murabona, twaraduze hejuru y'ivyo. Nkakumwe nyene Abametodiste bise ivy'Igipentekote "ubupfu" kubwo kuvuga mu ndimi. Niko Abaluteri bise "ubupfu" Abametodiste kubwo kuvuza akamo. Murabona?

Ariko ivyo vyose ni Mpwemu Yera Aza, gushik'aho ryaShengero rihambaye ryuzuzwa, rikuzuzwa mu buryo bunengesereye, haleluya [MweneData Branham akubise kabiri ku gicaniro. -Umw.] ubushobozi buhambaye bw'ImanaMushobora vyose. Gushika, bigeze y'aho vya bikorwa nyene Yesu Yakora birikobirigaragariza mw'Ishengero kino gihe. Turi hafi, bagenzi.

24 Hinge hano ndahahagarare gato gusa, tubone impamvuImana Yashize Mpwemu Yera mw'Ishengero,

ndabahe ikindi kigereranyo kugiramubibone. Hariya mw'Isezerano rya Kera, igihe u - umwana…

Umugabo yarashinga urwiwe. Yararonka umugore wiwe, iconico ca mbere.

Agaca aba umuntu ahambaye, nk'idini. Ivyo vyaba arivyiza.

Ikintu gikurikira căba, n'uko mw'urwo rugo havuka umwana. Aho ni igiheMpwemu Yera, murabona, iyindi mpwemu yaba ije, uwo nawe akaba yaba ari umwanaw'umuhungu. Uyo mwana w'umuhungu, ntayaba ashoboye kuzezwa inshingano, cankengo aragwe atabanje gushikana imyaka kanaka. Kandi rero yabanza gupimwa. Egome.

Rero bo bari bafise icagezwe co kugirwa samuragwa. Kurimwebwe abakozi b'Imana, "ugushirwa mu kibanza kw'umwana w'umuhungu" nikwo ndikondavugako kano kanya, murabona, aho yaba ageze aho agirwa samuragwa. Yesu ni WeYatanze igicapo ciza cavyo ku Musozi wo Gukayanganirako.

Nk'uko nari nabivuze, Imana ntizokwigera Ija hanzey'Amategeko yaYo mu gukora ibintu.

Hamwe muronse imbizi y'amazi y'umusara kuri uyumusozi, amazi aguma amijukira mu kirere, maze kuri uyu musozi wundi mukabamufise umurima uriko uruma, murashobora guhagarara kur'uyu musozi mazemugasemerera muti: "We mazi, temba uza ng'aha uvomere umurima wanje! We mazi,ngw'ino uvomere umurima wanje!" Ntazokwigera aza. Ariko nimwakora nk'uko itegekory'ukwo atemba rimeze, murashobora kuvomera uwo murima.

25 Mufise umuntu arwaye arambaraye ng'aho, cankeumunyavyaha, canke umuntu agomba kwitunganya, adashoboye guheba kunywa inzoga, adashoboyeguheba kunywa itabi, adashoboye guheba kwipfuza n'ibindi. Hamwe gusa nimwakoramwisunze amategeko y'Imana, mukareka Mpwemu Yera akamwinjiramwo, aho rero ntabaaciganza. Ivyo bintu a - azoca abihagarika, kubera Mpwemu Yera Aca Amufatampiri. Kimwe gusa mutegerezwa gukora mwisunze amategeko y'Imana, urutonderw'Imana.

Rero mw'Isezerano rya Kera, igihe uyu mwana yabaavutse, baramwitegereza, kugira barabe ingene yifata, inyifato.

Se wiwe, we mw'ico gihe yaba ari umudandaza akomeye, kumburemu myaka mirongo ine canke mirongo itanu ntiyaba agifise umwanya wo kurera uyomwana ubwiwe, rero yaca arondera…Muri ivyo bihe nta mashure ya reta baba bafisenk'uko bayafise ubu, rero baca barondera uwo bĭta "umurezi," canke "uwumujejwe," umwigisha w'ishure. Rerouyu mwigisha yaba ari uwa nyawe yaba ashoboye kuronka, ku buryo yategerezwakuba imvugakuri maze akaza arabwira se ukuri ibijanye n'uwo mwana.

26 N'uko rero uwo mwana amaze gushikana imyaka kanaka, tuvugeko yaba yageze mu bigero. Hamwe rero uwo muhungu abaye ikivagundu, ntihagireico yimarira, ntiyiteho ivya se; ntihagire ibindi ajamwo kiretse kuburutana nokwiruka inyuma y'abagore, canke - canke kuboregwa, canke akamari, cankeamahiganwa y'amafarasi; uwo muhungu yaguma ari umwana, ariko ntiyigera nambaashirwa mu kibanza c'aho yorazwe ivyo se yaba afise vyose.

Ariko abaye umuhungu mwiza, maze akitwararika ivya se,akagaragaza ko ari umwana abereye, aho rero baca bagira umunsi mukuru. Bacabajana uwo mwana mw'ibarabara bakamwambika umwambaro wera de, bagacabamuhagarika ahantu hakirurutse ku buryo abo mu gisagara bose băshobora kumubona. Baca bagira umunsi mukuru bakagirayubile, ubwo rero se yaca agira ibirori vyo kwatira. Yaca yatira uwo mwana wiwebwite mu bintu vyiwe, uhereye aho uwo muhungu yaba angina na se. mu yindimvugo, iyaba hari uyu munsi, izina ry'uwo mwana kuri sheke ryobaye ari co kimwen'irya se.

27 Ubu rero nimwitegereze ico Imana Yakoze. Igihe UmwanawaYo Yavuka, Yaramuretse aragera ku myaka mirongo itatu, Iriko Iramupima, Imugerageza.Maze Imuha imyaka itatu y'ibigeragezo bikomeye. N'uko ku mpera y'ibigeragezobihambaye, igihe Yabona ko Umwana waYo Yari Yitayeho ivya Se; ku Musozi woGukayanganirako, mu Gitabu ca Luka; Yajanye Petero, Yakobo, na Yohana, ivyabonabitatu, n'uko baduga hejuru ku musozi, maze aho niho Imana Yashikirije amabwirizwayo kwatira. Ya…Bitegereje babona Yesu, impuzu ziWe zera nk'umuco. Maze hazaIgicu kiMutera igitutu, haza Ijwi rivuye muri nya Gicu, rivuga riti: "Ng'UyuUmwana waNje Nkunda akampimbara; nimumwumve. Ubu Ngiye kwiyicarira nihorere. IcoWe Azoba Avuze rizoba ari ibwirizwa be n'Ukuri."

28 Ubu rero ishengero ryaciye muri ayo mashure. Ryaciye ryabirwahariya, hiyo kera, maze riba rihindutse idini, ukwitunganya. Ariko nimurabe, Ukuvugakwavuyemwo ikindi kintu. Kandi rero ubu bigeze y'aho ishengero rya Gipentekote,hamwe n'Ukuvuka bushasha, ryapimwe ryongera rirageragezawa, ubu rero bigezey'aho…Imana ntikorana n'Ishengero bwa dini. Ntikorana n'Ishengero bwa mu -mugwi w'abantu.

Ikorana n'Ishengero abantu ku gatwe kabo, umuntu weseku gatwe kiwe mw'Ishengero. Rero ubu bigeze y'aho…Kandi si ibanga; tweseturabizi. Iyo umuntu apimwe, maze Imana Ikamukunda, Ica Imujana ahantu kanakakahamwe naYo. Aho imbere y'Abamarayika Ica Imukorera ikintu kanaka. Iramuduzahejuru mu Nyonga z'Imana, Ikamuga ingabire, Ikamwuzura, hanyuma IgacaImurungika. Ico nico gihe tubayemwo.

29 Umwe Mpwemu Yera nyene yarokora Abaluteri, AkezaAbametodiste, akabatiza Abapentekote, kano kanya Ariko Ategura Ukuza kw'UmwamiYesu. Niwamara kuba umunyabushobozi cane , uwo Mubiri, Azoca Aza muri uyuMugwi, Ishengero, ivyo bizoca bikwega na bamwe bari mu mva. Izuka rizoca riba. Ng'icoico Mpwemu Yera amaze. Mpwemu Yera ni iki? "Kugira ngw'abo ntibashobore gushikaku gutunganywa rwose tutarimwo." Bobo babayeho mu kindi gihe, musi y'ivyo. Natwetubaye mu kindi gihe. "Umwansi niyazank'umupfunda, nzo…Mpwemu w'Imana azohagurutsa ibendera ryo kumurwanya." Murabona?

30 Ubu turi mu gihe… Kiriya gihe, bari kure cane y'iterambere nk'iry'uyumunsi. Ntibari bashoboye gukora ikirwanisho ruhanyanganda canke imodoka. Ntibaribafise siyanse n'ibi bintu twebwe dufise ubu, ariko, n'ibi bintu bitangaje; kugiragezakuvuga ngo umuntu yarizanye, avuye mu mukungugu n'ibindi, no kugira ubushakashatsibagerageza kuvyemeza kugira abantu babahindure abatizera.

Ariko iyo tumukeneye, Mpwemu w'Imana aca aduzaibendera. Ni iki? Iba Iriko Irasuka Mpwemu waYo. Bamwe nabo baruhukiye hariyahakurya mu mva, nakwo musi y'igicaniro c'Imana, nk'uko Ivyanditswe bibivuga, bagumabasemerera bati: "Kugeza ryari ga Mwami? Kugeza ryari? Ni kugeza ryari?" ImanaIrindiriye jewe na we. Ishengero ririndiriye jewe na we. Igihe co kugirwasamuragwa, igihe c'aho Imana Ishobora kudusukamwo ukunengesera kwaYo, ukuzukakwaYo, aho Ishengero na Kristo binywana koko gushika y'aho Kristo ahindukauwugaragara hagati, Azure abapfuye, maze duce tugenda mw'Izamurwa.

31 Ubu rero mu kanya gato tugiye kuvuga, twerekane yukoabuzuye Mpwemu Yera ari bob agenda mw'Izamurwa. "Abapfuye bandi ntibaba bazimaiyo myaka igihumbi itarashira." Ukwo ni ukuri. Abantu buzuye Mpwemu Yerabonyene bose bari bagiye mw'Izamurwa. Rero, Imana Yatanze Mpwemu Yera…

Ndafise ikindi Canditswe hano, muri Yohana 14:12. IkiCanditswe kiramenyerewe cane ku bantu bose ba hano kw'ihema.

N'ukuri, n'ukuri Ndababwire: Unyizera…

Iri jambo "uwizera" ntimureke ngo ribahagarike muburyo na bumwe. Mw'ishengero ry'ikidini bavuga ngo: "Egome, ndizera. Nta nkeka,ndizera Yesu Kristo ko Ari Umwana w'Imana." Ivyo nyene umurwanizi aravyizera. Ukwoni ukuri. Bibiliya ivuga yuko yizera. Ariko muri Yohana,Icanditswe kivuga yuko "ata muntu ashobora kwita Yesu Kristo, kiretseabivugishijwe na Mpwemu Yera." Muragira mu bisanzwe, mwisunze Icanditswe…Hingehano ndahahagarare akanya gato, imbere yuko mpeza gusoma.

32 Igihe cose utararonka Mpwemu Yera nturahindukiriraImana. Ukwo ni ukuri.

Wizera kugira "gushika." Mpwemu Yera aba yavuganyenawe, nawe ugaca umwatura ku mugaragaro. Ivyo nyene umurwanizi arabifise. "Ndizerako Ari We Mwana w'Imana." Emwe n'umurwanizi nawe ivyo aravyizera. Ariko ubauriko ugenda uMugana.

Igihe, Petero yari yarahamagawe yongeraaratsindanishirizwa, biciye mu kwizera Umwami Yesu Kristo; kandi muri Yohana17:17, Yesu Yarabejeje biciye mw'Ijambo, kubera Ijambo niryo ryari Ukuri. Kandini We Yari Ijambo. Yohana 1 havuga hati: "Ubwa mbere na mbere Jambo Yariho,kandi Jambo Yari kumwe n'Imana, kandi Uwo Jambo Yari Imana. Kandi Uwo JamboYigize umubiri, Abana natwe." Yari Ijambo, rero Yarabejeje. Yavuze Ati: "Data,"Ariko Abwira Mpwemu Ari muri We, "Ndabejeje biciye mw'Ijambo," We nyene ubwiWe,Abarambitseko ibiganza vyiWe. "Ijambo ryaWe ni Ukuri." Yo Yaravuze mu buryobwiyoroheje na We aca arabaho, mu gitereko c'umugore; ôo, ntibishoboka na gatoko Aba ikindi kintu kiretse rino Jambo ry'Imana, kugira riYigaraze. "Ndabejeje."

33 Yarabahaye ububasha ku mpwemu zihumanye. Barasohotse. YariYarashize amazina yabo mu Gitabu c'Ubugingo ca Wa Mwagazi. N'ukoYarabarungitse, Yohana…Matayo 10, maze Abaha ububasha ku mpwemu zihumanye; barirukanyeimpwemu mbi, barakora ibikorwa, n'ibindi. Bagarutse banezerewe,bavuga bati:"Erega n'impwemu mbi ziratwumvira."

Na We Arababwira Ati: "Ntimunezerezwe n'uko impwemumbi zibumvira; ariko munezerezwe n'uko amazina yanyu ari mu Gitabu." Kandi Yarikumwe nabo. Nimurabe ukuntu ashobora kwegera; araca mu gutsindanishirizwa, akabandanyaakinjira mu kwezwa. Ariko ni hehe yerekaniye umuco wiwe? Ni he yigaragarije? Imbereya Pentekote, yaciye yerekana amabara yiwe.

34 Murabe neza, iyo mpwemu izoba iyubaha Imana kandiy'inyamwete ukwo ishoboye kwose, gushika ishikiriye Mpwemu Yera, aho nihobazoca baMukuramwo. Iyo mpwemu (ntimushobora kuyibona?) iriko iraduga,antikristo. Yesu na We Yavuze Ati: "Bobaye begeranye cane, mu minsi y'iherezo, kuburyo yozimije n'Abatoranijwe iyaba bishoboka." Ariko mwibuke, Abatoranijwebonyene nibo bazoyibona iyo mpwemu.

Imana Ihamagara biciye mw'itoranywa. Mbega mwebweentimunezerewe kubona muri umwe muri bo? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.] Mbegantimunezerewe mwebwe muri hano kano kagoroba, kubona hariho ikintu kanaka mumitima yanyu gikwega kivuga giti: "Uwo Mpwemu Yera ndaMushaka.

NdaKugombaMwami, mu mutima wanje”? Aho ni kubera Imana Yashize izina ryawe muri ca Gitabuc'Ubugingo ca Wa Mwagazi imbere y'amatanguriro y'isi. Ivyo ni We Yabivuze.

“Nta n'umwe ashobora kuza kuri Jewe,” ni YesuYabivuze, “Data Atabanje kumukwega. Kandi abaza kuri Jewe bose Nzobaha UbugingoBudashira.” Ubugingo Budashira ni iki? Mpwemu Yera. “Ubugingo Budashira,” nimufateiryo jambo murijane mu Kigiriki, ryitwa Zowe.Zowe mi Mpwemu Yera. “Abo DataYampaye bose bazoNzako. Kandi uwuzoza kuri Jewe wese Nzomuha Mpwemu Yera, kandiNzomuzura ku munsi w'iherezo. Nzobikora,” niko Yavuze. Aho nta za nimba cankena kuri We. “Nzobikora. Abazoza bose; Nzobaha Ubugingo Budashira.” Azotegerezwakuzuka kuko afise Ubugingo Budashira. Ategerezwa kuza. Ntashobora gupfa nk'ukoImana naYo Idashobora gupfa.

35 Ôo, bagenzi banje bakundwa muri mur'iki gihugu n'ikigisagara gito, ese iyaba noshoboye, hamwe na rino jwi ryanje rya kimuntu,gushira mu mitima yanyu akamaro ko kuronka Mpwemu Yera, yoba ari yo mpishuroy'ubwiza cane mwigeze kugira mu buzima bwanyu. Kubona ico…MutegerezwakuMuronka.

Hinge bino ndabitomore neza, ibijanye n'uko: “MutarahindukiriraImana.”

Petero yari yarakijijwe. Yarizera Umwami, yaraMukurikira.Yesu Yari Yaramubwiye uwo yari we, aba amushikanye kumukurikira. Yaramuhayeububasha ku mpwemu zihumanye kandi yaramwejeje. Ariko inyuma y'ivyo vyose, yariyahindutse umuvugize mukuru w'umugwi; nk'uko Abakatolika boshaka bakamwita, “umwepisikopiw'ishengero canke papa,” canke ico vyari cose, umukuru w'ishengero; ariko Yesu muririya joro Yatangiwemwo, Yavuze Ati: “UraNkunda ga Petero?”

Nawe araMwishura ati: “Mwami, Urazi ko ngukunda.”

AramubwiraAti: “Ahura intama zaNje.” Ivyo Yabisubiyemwo incuro zitatu.

MazePetero araMubwira ati: “Urazi, ndaGukunda, gushika n'aho tuzojana gushika kw'i- kw'iherezo, rero nzojana na We gushika ku rupfu,” be n'ibindi.

Aravuga Ati: “Imbere yuko inkoko ibika gatatu, uzoba…imbere yuko inkoko ibika, uzobawamaze kuNyihakana gatatu.” Aravuga Ati: “Ariko, Petero, Nagusengeye.”Nimwumvirize. Si ivyo gusa. “Nagusengeye. Kandi niwamara guhindukirira Imana, uzokomezebene So.”

“Niwamaraguhindukirira Imana.” Yari yaravugije induru. Nta nkeka yari yaratambiye muriMpwemu. We, yari yarakoze ibintu vyinshi, ariko ntiyari bwaronke Mpwemu Yera. “Niwamaraguhindukirira Imana, uzokomeze bene So,” ukwo ni ukuri, “uzoshire mu ngiro umugambi waYo.”

36 Ubu rero reka mperaheze gusoma Yohana 14:12. Rero mukigabane ca 14 ku murongo wa 12, Yesu Yavuze Ati: “N'ukuri, n'ukuri Ndababwire,uwizera…” Kandi ntushobora kwizera… “Unyizera.” Murashobora kuMwizera. Ivyo nibangahe babitahura? Nimuvuge “amen.” [Ikoraniro rivuze riti: “Amen.” -Umw.]

Muribuka mu Vyakozwe 19. Muntunge kubona ibindabiciriye aha, ariko ntegerezwa kubivuga ukwo biba bije. Mu Vyakozwe kukigabane ca 19, igihe uyu muvugabutumwa w'Umubatiste, uwo nawe akaba yari u -umuntu w'ivyagezwe, yari yarakijijwe, kandi akaba yari yaravuze ubutumwa abantuarabashikana ku gukizwa. Bari bafise umunezero udasanzwe bongera bavuza induru,bariko bakora igikorane. Ivyakozwe 18, Akwila na Purisikila, twarabivuzeko ejoku mugoroba, bari bagiye kumuraba. N'uko bamenya yuko yari umuntu adasanzwe,kandi ko yar'abizi. Kandi yarashobora kwerekana akoresheje Bibiliya yuko Yesu YariUmwana w'Imana, ariko yar'azi umubatizo wa Yohana gusa. Ntiyari bwamenyeumubatizo wa Mpwemu Yera. Rera aravuga…

Rero igihe Paulo yadugayo akamwumva avuga ubutumwa, naweaca aramenya yuko yari umuntu adasanzwe, aca aramubaza ati: “Wararose MpwemuYera umaze kwizera?”

Baravuga bati: “Ntitwari tuzi yuko hariho…yuko MpwemuYera anabaho.”

Aravuga ati: “None, ni uyuhe,” canke ijambo nyaryory'Ikigiriki ni iri: “Mwabatijwe gute?”

Baravuga bati: “Twebwe twabatijwe na YohanaUmubatizi.”

Ubu rero nimwihweze ico Paulo yavuze. Paulo aravugaati: “Yohana yabatije kubwo kwihana; atari kubwo guharirwa ivyaha, ariko kubwokwihana, kugira bisigure yuko ivyo ari vyo mwizeye.”

Iyo wemeye Kristo nk'Umukiza wawe, uba wizeye kubwokuzoronka umubatizo wa Mpwemu Yera. Bene Data bakubwa b'Ababatiste, uwo ntabwoari wo mubatizo wa Mpwemu Yera. Ico ni ikinyoma.

37 Hari mwene Data umwe yambwiye ejo bundi, yavuze ati: “MweneData Branham,” nakwo haraheze igihe, nk'ukwezi, yavuze ati: “Mwene DataBranham, Aburahamu yizeye Imana, maze ivyo abiharurwako nk'ukugororoka.”

Ncamvuga nti: “Ukwi ni ukuri.”

Acaavuga ati: “Ni igiki umuntu ashobora gukora kirenze kwizera?”

Ndavuga nti: “Ivyo nivyo umuntu ashoboye gukora vyonyene. Ivyo nivyo ashoboyegukora uyu munsi, ni kwizera Imana. Ariko Imana Yaramuhaye ikimenyetso cogukebwa,” ivyo twarabivuzeko ejo ku mugoroba, “nk'ikimenyetso c'uko Yemeyeukwizera kwiwe yaYizeye.” Kandi uyu munsi, Imana Itara…

UbauYizeye igihe uYemeye nk'Umukiza wawe. Ariko igihe Imana iguhaye ikimenyetso caMpwemu Yera, Iba ikudomyeko ikidodo gushika kw'ishikiro ryawe Rihoraho. Reromwebwe Babatiste, nimufate ivyo, nzoca nemeranya namwe ku bijanye n'umutekanoUhoraho. Egome mushingantahe. Kubera: “Ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana, Uwomwashiriweko kuba ikimenyetso gushika ku munsi wo gucungurwa kwanyu.” Ntimushirwakoikimenyetso mu kwizera kubwo, ariko mushirwako ikimenyetso na Mpwemu Yera. Abanyefeso4:30, “Ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana, Uwo mwashiriweko kuba ikimenyetsogushika ku munsi wo gucungurwa kwanyu.” Uwo Abashirako ikimenyetso, iyo mwagizeubutoni hamwe n'Imana, Ica Ibashirako ikimenyetso na Mpwemu Yera.

N'ukobiri, kuko Bibiliya ivuga iti: “Nta muntu ashobora kwita Yesu kw'Ari Kristo,atabivugishijwe na Mpwemu Yera.”

38 Uravuga uti: “Ndavyizeye kubera umwungere yabivuze.” Arimu kuri, ariko aho si kuri wewe. “Ndivyera kubera Ijambo ribivuga.” Ukwo niukuri, ariko n'aho si wewe, nturimwo. Uburyo bwonyene ushoborakuvugamwo ko Yesu ari We Kristo, ni igihe Mpwemu Year aje muri wewe hanyumaAgashinga iyo ntahe, Akaba ari We Aba igishingantahe c'uko “Ari Umwanaw'Imana.” Ubwo nibwo buryo bwonyene umenya izuka, ni igihe Mpwemu Yeraabishingiye intahe. “Mpwemu Yera niyaza, Azonshingira intahe, azobereka ibigiyekuza; Azobibutsa ivyo Nababariye.” Ivyo ntimuzigera mubironka mw'ishure. Murabona? Azobibutsa bino bintu.

39 Rero tugomba gusoma gato mu Vyanditswe kano kanya, YohanaMweranda 14:12

N'ukuri, n'ukuri Ndababwire, uNyizera ibikorwa Jewe Nkora na weazobikora; kan'azokora ibibiruta…

Aha, insobanuro nziza ni “ibibirengeye,” nimba mushakakuja kubisuzuma.

…n'ibibituta,kuko Ngiye kwa Data.

Nimba Yar'Agiye kwa Data, Mpwemu Yera Yociye Aza. Mbegaukwo ni ukuri? Ikindi Canditswe kivuga ngo: “Nintagenda, Umwitsa ntazoza. ArikoNinagenda, Nzoza mbane namwe, mbere no muri mwebwe.” Murabona, ni Imana murimwebwe. Ubwa mbere hejuru yanyu; kumwe namwe, muri Kristo; muri mwebwe, muriMpwemu Yera. Ni Imana muri mwebwe.

40 Ubu rero: “Ibikorwa Nkora namwe muzobikora,” atariikindi gikorwa. Ariko Imana Ishaka gushira Mpwemu Yera muri mwebwe, kugiraIbandanye ca gikorwa nyene Yariko Irakorera muri Kristo.

Ico gikorwa nticari gikenewe cane mu bihe vya Luther.Iryo ryari Ishengero ry'Imana. Ntiryari… Gikenerwa gato birushirije mu bihe vyaWesley.

Kubera “isi” niko Bibiliya ivuga, “yobaye inyantegenke cane, y'incabwenge, kandi y'ababisha birushirije.” Turi…Isi iriko irabaiy'ababisha cane ata…Ivyo turabizi. Erega har'umuntu akora ibintu uyu munsi, ivyomu myaka ijana iheze utokwiyumviriye yuko hobayeho ikiremwa-muntu c'icicanyink'ukwo. “B'ababisha birushirije, kandi abanyakibi bazobandanya gukoraububisha, badahengeshanya, niko Ivyanditswe bivuga, ”birushirije.“

41 Rero, Mpwemu Yera Yarakoze igikorwa. Uwo wari umuyagamukeya wiWe wahuhera hamwe na Luther; habaho uwundi muyaga wiWe hamwe naWesley; hanyuma haba uwundi muyaga wiWe wiyongereye hamwe n'Abapentekote; uburero umutaga na Mpwemu vyacitse ikintu kimwe. Ishengero ririko riranywana, riserurawa muyaga nyene w'inkomezi wa Mpwemu Yera nka kumwe Yabikora hariya mu ntango, ririkoriragaragaza vya bikorwa nyene Yakora kirya gihe, biriko biragaragazwa n'uyumunsi, ca kintu nyene.

Nimwitegereze ivyo Yesu Yavuze: “N'ukuri, n'ukuriNdababwire, Umwana ntaco Ashobora gukora atabanje kubona Data Abanje kugikora. IvyoData Akora, Aca Avyereka Umwana. Data Aba muri Jewe, ni We Akora ibi bikorwa.”Murabona?

42 Ubu naho, murabe neza, ng'aha hariho ikindi kintu narinipfuza kuvuga aha nyene. “Nk'uko” ni Yesu Yabivuze, “nk'uko Data Yandungitse.Nanje,” ubu rero murabe, “nk'uko Data Yandungitse, Nanje Ndabarungitse.” “Nk'ukoData…” Data Yari Yamurungitse gute? Uwo Data Yamurungitse, Yaciye Ava mw'IjuruAba muri We.

Yaciye Agenda. Yavuze Ati: Nama Nkora ibihimbaraData.“ Murabona? Yitwararika gukora ivyo Data Yamwereka vyo gukora. ”NtacoNkora Data Atabanje kukinyereka.“ Irya Mana Yamurungitse Yari imbere muri We. ”Kandink'uko Data Yandungitse, ukwo nyene Data Yandungitse, namwe nikoNdabarungitse.“ Ni iki? Imana muri mwebwe, Ibandanya (iki?) vya bikorwa nyene,vya bindi nyene.

Yesu Yavuze Ati: "U…uwizera, uwumfise imbere muri we, MpwemuYeea; uwizera, yamaze kuba icabona c'izuka ryaNje, arazi yuko Ndi muri we. Uwurimuri Jewe; nimwaguma muri Jewe, Amajambo yaNje akaguma muri mwebwe."

43 Ubu uravuga uti: "Nguma muri Yesu; ariko sinizera nagato ugukiza indwara kw'Imana." Ivyo vyerekana yuko ataWuriyo.

"Ndizera Yesu; sinizera Mpwemu Yera mur'iki gihe, nk'Uryabari bafise kirya gihe." Ivyo vyerekana yuko ataWuriyo.

Mpwemu Yera azoshingira intahe Ijambo ryose Yivugiye.Si umubeshi. Nta muntu n'umwe canke idini na rimwe Atinya. Nta muntu n'umwe Ategerezwakwunamira. Aravuga, hanyuma agaca abihagararako.

Nimba abantu bari hejuru, bononekaye, bize, canke ukwotwoshobora kubita, abategetsi b'abatunzi, nimba badashaka kwakira Mpwemu Yera:"Imana Irashoboye guhagurutsa mur'aya mabuye abana ba Aburahamu." Izohitana abambuzin'inyererezi zinywa inzoga, n'ibindi, maze Ibaduze. Imana Irashoboye kubikora, kandiIriko Irabikora. "Imana Irashoboye guhagurutsa mur'aya mabuye abana baAburahamu." Ivyo umuntu kanaka agiye kubikora, kubera Yo ni Imana.

44 "Nimwaguma muri Jewe, Amajambo yanje akaguma murimwebwe, musabe ico mugomba cose," kubera muba muriko musaba Ijambo ryiWe, kandiIjambo ryiWe naryo ni Ubugingo. Nimuvyature. Nimba Imana Yarabivuze, mukabamuzi neza yuko Yabivuze, Mpwemu Yera aca ashingira intahe iryo Jambo yuko ariukuri, n'ivyo rero, mwene Data. Vyature; bica bibaho. "Nimwabwira uyu musozimuti: 'Shinguka,' hanyuma ntimukekeranye mu mitima yanyu, ivyo muzoba muvuzebizoshika." Si mwebwe muba muvuze, ariko ni Data aba muri mwebwe; ni We avuga. Simwemwe muba mubwiye uwo musozi, ni Data ari muri mwebwe, aba awubwiye. Aho reroutegerezwa gushinguka. "Amajuru yose n'isi bizovaho," ni We Yabivuze, "arikoMpwemu ntazo, nakwo, Amajambo yanje ntazovaho." Koko, ntirishobora kuvaho. Data!

45 Ubu rero, "Ibikorwa Jewe Nkora." Imana Irimw'Ishengero ryaYo, kugira Ibandanye ibikorwa vyaYo. Ico nico gituma YarungitseMpwemu Yera. Rero, ivyo Yar'Ibizi. Yo, Yaramenye yuko atari ukwo vyobaye, kobitoshoboye kuba mur'ubwo buryo, rero kubw'ivyo, Yategerejwe kurungika. DataYarungitse Umwana, Ashira vyose ibiri muri…Umwana muri mwebwe. Kandi ibikorwaYakora, vya bikorwa nyene Yesu Yakora, namwe muzobikora, Shengero.

Mwoba mwipfuza gukora ibikorwa vy'Imana? Yesu YavuzeAti: "Nimba mugomba gukora ibikorwa vy'Imana, nimunyizere." Mumwizera gute" Ntimushoborakubikora gushika muronse Mpwemu Yera.

Kuko nta muntu n'umwe ashobora kuvuga yuko AriUmwana w'Imana; muba muriko muvuga ivyo uwundi muntu yavuze. "Bibiliyairabivuga yuko Ari Umwana w'Imana; nanje Bibiliya ndayizeye." Vyiza cane. "Bibiliyaivuga yuko Ari Umwana w'Imana; nanje Bibiliya ndayizeye. Umwungere avuga yukoAri Umwana w'Imana; umwungere nanje ndamwizeye. Mawe avuga yuko Ari Umwanaw'Imana; nanje mawe ndamwizeye. Umugenzi wanje avuga yuko Ari Umwana w'Imana; nanjeuwo mugenzi wanje ndamwizeye."

Ariko uburyo bumwe nshobora kuvuga yuko Ari Umwanaw'Imana, ni igihe Mpwemu Yera yinjiye maze akishingira intahe ubwiWe, aho rero nihomba nzi yuko Ari Umwana w'Imana. "Nta muntu ashobora kwita Yesu 'Kristo,' shitiabivugishijwe na Mpwemu Yera."

Huh! Nta muntu avuga yuko Yesu ari ikivumeabivugishijwe na Mpwemu w'Imana, canke ngo avuge yuko Yari iki urya munsihanyuma ace avuga ikindi uyu munsi. Ivyo biMugira umunyantege nke kandiahindagurika. Oya, mushingantahe.

Ni Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'Ibihe Vyose.Impwemu yose y'ukuri izoshingira intahe ivyo. Neza cane.

46 Rero Yavuze Ati: "Ibikorwa Jewe Nkora, namwemuzobikora," Yohana 14:12, ubu rero, vya bikorwa nyene.

"Ôo," baravuga bati: "Ishengero rikora igikorwa gihambaye." Gute?

We Yavuze Ati: "Ibikorwa Jewe Nkora."

"N'uko," niko bavuga, "erega, dufise abamisiyonari mw'isiyose, ico nico gikorwa gihambaye."

Ariko Yavuze Ati: "Ibikorwa Jewe Nkora." Ubu reronimubanze mubikore, ubwa mbere nimubikore, hanyuma mubone kuvuga ibijanyen'abamisiyonari.

Uyu munsi, nariko mvugana n'umumizilima ejo bundi,yavuze ati: "Muhamedi yarapfuye."

"Ukwo ni ukuri, ari mu mva, ariko umunsi umweazozuka." Avuga ati: "Hamwe yozuka akava mu mva, isi yose yobimenya mu masahamirongo ibiri n'ane." Aravuga ati: "Mwe namwe muvuga yuuko Yesu Yazutse haciyeimyaka ibihumbi bibiri, ariko nta n'ica gatatu c'abantu barabimenya."

Aho ni kubera muba mubivuze mu buryo bw'ivy'ubwenge. Mubamubivuze mu buryo bw'ivy'amashure canke inyigisho. Iri Shengero ryoserihambaye ry'Imana, uharuye Abakatolika, Abaporoti, bose hamwe, iyaba baribararonse Mpwemu Yera, iyi si yociye itsimbataramwo ivya Gikristo; nta kintugifitaniye isano n'igikominista cobayeho; nta bintu vyobayeho bifitaniye isano n'ibiharicanke inzigo, canke ububisha, canke urwanko. Yesu Yobaye Yicaye ku Ntebe yiWey'ubwami, natwe twobaye tugendera mu maparadizo y'Imana, dufise Ubugingo Buhoraho,tukabaho Ibihe Bidiashira; twamaze kuzurirwa mu mubiri mushasha, dutembera, atagusaza namba, ata kugira imvi ukundi, ata kurwara namba, ata gusonza ukundi; tugenderamu muzero mwinsi w'Umwami, tuganira n'ibikoko. Kandi, ôo, mbega umunsi!

47 Yavuze Ati: "Nimugende mu mahanga yose mwigisheUbutumwa Bwiza." Ubutumwa Bwiza bukora iki? "Si mu Majambo gusa, ariko muBushobozi no kugaragaza Mpwemu Yera." Kugaragaza Ijambo ry'Imana, nibwo ButumwaBwiza.

Ivyo ntavyo wewe woshobora. Rero, Yesu Yar'Abizi, nicogituma Yategerezwa kuba mw'Ishengero ryiWe.

Gurtyo rero, Yar'azi ko twogize amashurey'ivy'ubwenge. Kandi Uyu ntimuzigera mumuronkera mw'ishure ry'ivy'ubwenge. Bazomurwanya.Kubera, ivyo bazi vyonyene ni inyigisho y'umuntu w'incabwenge, nemera kanaka cankeidini bashaka ku - kubaho bisunga. Rero bazo - bazobashira muri ivyo babagireumunywanyi w'uyo mubiri, kandi mwene Data, bababwira ibintu kanaka bakura murinemera vyoboneka nk'aho ari ukuri koko. "Ishengero rihambaye ryeranda, rikuru, ryarashikamyemu kunyiganyizwa, ryarashikamye mu gukubitwa." Ariko n'umurwanizi ni uko;yarakubiswe yirukanwa hose, ahantu hose hafi, yamara abandanya kwa kundi nyene.Egome, mushingantahe. Ôo, bazogerageza kuvuga kur'ibi.

48 Rero Yesu Yar'azi yuko hobayeho urunani ruhambayery'ivy'ubwenge nka bimwe vy'igihe ciWe, ivyo kwoza inkoko n'amasahani, nokwambara imyambaro, n'amakoro azinzwe, n'ibindi vyose bǎkora, ibibintu vyose bitandukanye bokoze. Yar'azi ko bobikoze, niho Yavuga Ati: "Uburero, hinge gato. Singiye kubasiga nk'impfuvyi, Nzobazako. Kubw'ivyo, AravugaAti: "ibikorwa Jewe Nkora, namwe muzobikora."

Impamvu Mpwemu Yera Yarungitswe kwari kugira ImanaIbandanirize mu mugwi w'abantu kanaka, kugaragariza isi Imana mu buryobubandanya. Ukwo ni ukuri. Bidaciye muri za nemera, canke idini, ariko biciyemu Bushobozi bw'ukuzuka kwiWe, mu kugira Ijambo ryiWe irinyakuri; mu gufataisezerano ryiWe, no guhagarara ku ruhande rw'inkehwa, no mu kwizera Imana; nokubona ibicu vyirabura bivaho, hanyuma Ubushobozi bw'Imana bukinjira bugafatampiri vyose. Amen. Ico nico Ishaka. Ico nico Mpwemu Yera Yarungikiwe. Iyo niyompamvu Yamurungitse. Ubu turazi ico Ari, n'igituma Yamurungitse.

49 N'uko rero, nta yandi maraso yokwejeje abantu. Sinoshoborakukweza, kandi nawe ntiwoshobora kunyeza, kubera twempi twavutse biciye mumibonano mpuzabitsita. Ariko Yesu We Yari Yavutse ata bitsina birinze guhura,ukwo ni ukuri, rero Amaraso yiWe yari ayeza. N'uko Imana Yaramanutse, Iremaumubiri, Iwubamwo, Imena ayo Maraso kugira yeze uwo, ivyo bikaba ari vyovyakuyeho burundu ukwagirwa n'icaha be n'ibimaramare. Rero, kubwo kwizera, mukwizera Ivyo, Imana Ica Imanuka mur'uyu mubiri w'ikiremwamuntu, biciye mukwezwa n'ayo Maraso, bigaca bimugira Uruvyaro rwa Aburahamu, kubwo kwizera.

Mu kwizera ko ayo Maraso yoje, yuko ayo Marasoatagira agasembwa yobaye igitangaza nk'ayiwe, yaragendagenze hariya inyumay'aho "yar'ameze nk'uwapfuye." Yizeye Imana imyaka mirongo ibiri n'itanu, weyar'afise imyaka mirongo irindwi n'itanu, maze arizera gushika aho yashikanyeijana. Sara nawe, yar'afise mirongo itandatu n'itanu, nawe yizera gushika ahoyashikanye mirongo icenda. "Rero yar'asa nk'uwapfuye."

N'uko Imana Iravuga Iti: "Kugira abantu bamenye neza yukobatazobihusha, mujane hiyo hejuru ku musozi umutangeko ikimazi."

50 Abwira abashumba biwe ati: "Nimugume ng'aha n'iyinyumbu muturindire. Twe n'uyu muhungu wanje tugiye hariya hakurya gusenga, turazakugaruka." Ôo, agiye kubigenza gute?

Aburahamu aravuga ati: "Namuronse nk'uvuye mu rupfu. Kandindazi Uwamumpaye, nk'uvuye mu rupfu, Arashoboye no kumuzura mu bapfuye hamwegusa mfashe nkama Ijambo ryiWe. Mfashe nkama, mfashe nkama Ijambo ryiWe; Arashoboyekumuzura mu bapfuye."

Yariko avuga neza na neza kuri Kristo! N'Uyong'aho. Kandi muri utwo turemangingo tw'Amaraso havuyemwo Mpwemu Yera, Yari Yugaraniwemu mubiri witwa Yesu. Ayo Maraso yarejeje inzira, kubwo kwizera, kubwoguhamagara abacunguye, nakwo Abatoranijwe b'Imana. Rero igihe Ayo mwayemera, mazeMpwemu Yera akabakuramwo ububisha bwose, Aca Yinjira ubwo nyene, Imana ubwaYo, kugiraIkore ivyo Igomba.

Hano, uyu mushebuja mubi w'ibishavushavu; n'uyuwundi wa kera ng'aha akivugira ibi nabiriya n'uyu nawe akivugira ibi nabiriya; uyu muntu wundi nawe hano agaca aMuvugako aMurwanya. Umuntu

yuzuyeMpwemu Yera azoca ahaguruka ubwo nyene ahangane n'ivyo bintu. Amen.

51 "Barabamenye. Bari abatize ata mashure bafise, arikobaramenye yuko bǎhoranye na Yesu." Ico nico Mpwemu Yera Yaziriye.

Umurovyi wa kera atoshoboye no kwandika izinaryiwe. Ariko yarahagaze ng'aho maze aravuga ati: "Twizere nde, umuntu cankeImana?" Amen. "Ibi nimubimenye, tuzoguma twigisha mw'Izina rya Yesu." Bagenzi,mbega ugushira amanga! Yar'azi yuko yari -yari Muhira hiyo hakurya. Ukwo niukuri. Yari ingenzi na kavantara hano. Yariko arondera ca Gisagara co murikazoza. Mbega uwo muhereziw'indyarya yar'avuze iki kuri we? Yari musi y'ukuganza kw'Imana Yo mw'Ijuru,Imwe Yazura Umwana waYo, Kristo Yesu, kandi yari yamwujuje Mpwemu w'Imana UmweYarema amajuru n'isi. Ng'ivyo rero. Ntabwoba yamutera. Oyaye, mushingantahe.

52 Urupfu…Erega, igihe bafata umwe Sitefano hariya, mazebakavuga bati: "Vuguruza ivyo wavuze!"

Arabishura ati: "Yemwe mwa ntagonda izosi mwe, batakebweimitima n'amatwi, mwamye na ntaryo murwanya Mpwemu Yera. Nk'uko ba so bakora,niko namwe mukora."

Bavuga bati: "Turagukubita gushika upfuye."

Aravuga ati: "Ivyo ntavyo mwoshobora nimba mu…"

"Hinge turakwereka nimba tubikora canke tutabikora." Emwebaciye bahitana ibibuye binini-binini batangura kubimutera mu mutwe.

Aca ararangamiza aravuga ati: "Ndabona Ijururyugurutse. Ndabona ingazi imanuka. Ndabona Yesu Ahagaze i buryo bw'UbukurubwiWe." Kandi Bibiliya ntivuga yuko yapfuye; yarasinziriye. Ôo, bagenzi! Ndashoboragusa kubona Umumarayika amanuka, amutwaye amureze nk'umwana muto, umuvyeyi,gushika aho asinzira. Ôo, bagenzi! Nta nkeka. 94 Iyo niyo ntumbero yaMpwemu Yera. Ico nico Imana Yarungikiye Mpwemu Yera.

53 Mpwemu Yera aza kubaha Ubushobozi. Ndafise ibindiVyanditswe hano, gato gusa. Mpwemu Yera aza kubaha Ubushobozi. Jewe - jewe si…Ibimurashobora kubibona; gusa ndi kure cane, kur'uyu mugoroba.

Abaha Ubushobozi, Ubushobozi mu masengesho!

Nimufate nk'umuntu yabayeho ubuzima bwiza, arikobakaba bamye bananirwa. Ôo, ndababwire…" Umuntu mwiza, "Ôo, nta nkeka, ndakunaUmwami mwene Data Branham." Bama na ntaryo baneshwa, ntibarigera bagiraisengesho ryishurwa.

Uwo mugore muto mwuzuze Mpwemu Yera rimwe gusa, ucewirabira ibica biba. Iyo agiye imbere y'Imana, ntananirwa. Atumbera Intebey'Ubwami y'Imana afise ugushira amanga yizeye. Afise uburenganzira kubera niumukobwa w'Imana, kubw'Ivuka.

Nimufate uyo mugabo muto, w'umunyabwoba cane, shebuja agumaajuragiza irya n'ino. Avuga ati: "Ubu rero hinge gato." Hariho ikintucahindutse, murabona, yaronse Mpwemu Yera. Aguha Ubushobozi. Ubuzima bwawe bubabwuzuyemwo Ubushobozi.

54 Aguha Ubushobozi bwo kuvuga.

Erega, bagenzi, aba bantu bari bafise ubwoba, igihebari hariya; Petero, Yakobo, Yohana, Luka, na bamwe bandi bose. Bari bagiye mucumba co hejuru, bavuga bati: "Ôo, nta kindi dushobora kuvuga. Nimubarabe ng'aho, harihoDogiteri naka na naka n'abandi benshihiyo hanze. Hariho Umwigisha naka na nakahamwe na ntuze. Murazi, afise indangabumenyi zine zo muri kaminuza; ni gutetuzigera tumuhangara?" Petero aravuga ati: "Ôo, ndibutseyuko uyo muntu namugurishijeko ifi umunsi umwe. We, yaravuze, sinatahuye n'ivyoyariko aravuga. Ôo, sinoshobora kumuhangara habe na mba." Ariko habaye…

"Ni igiki dushobora gukora, ga bene Data?"

"Aca aravuga ati: 'Hinge.'"

"Erega, hano tuhamaze iminsi ine."

"Tubandanye gusa turindiriye."

"Kugeza ryari?"

"Gushik'aho."

"Burya, ntiyavuze yuko vyobaye ku munsi ugira gatanu?"

"Ntiyigeze avuga ikiringo. Yavuze ati: 'Gushik'aho.'"

N'uko baca babandanya barindiriye. Gushika ryari? "Gushik'aho."Iminsi icenda irahera. "Gushik'aho."

55 Umunsi wa Pentekote ushitse, bose bari bakoraniye hamwe, bahuje umutima n'inama. Imana Yari Yarabaye hejuru yabo, mu Gicu caka umuriro;Imana Yari Yaragendanye nabo, kw'isi; ubu naho hariho ikindi kintu cari kigiyekuba. Hari ikintu kigiye kuba.

…bari ahantu hamwe, bahuje umutima n'inama.

Haza igihinda kivuye mw'Ijuru giturumbuka, nk'u…nk'uguhuhuta kw'umuyagaw'inkomezi, gikwira hose mu nzu bicayemwo.

…ibirimi vyigabangabije, nk'ivy'umuriro…bija kur'umw'umwe.

Vyigabanganije gisigura iki? "Vyigabuye." Nko kugigimiza, muramaze kwumva umuntuagigimiza? Uza wumva ngo: "uh-uh-uh, ôo, uh-uh," murabona, ntaco bashoborakuvuga. "Vyigabanganije, vyigabuye." Nkakurya ikinono c'inka kigabuyemwo kubiri, bisobanura ikintu "kigabanganije, gitandukanije."Ntibăriko baravuga. Ntan'ubwo băriko baravuga ibitumvikana. Nta kindi băriko barakoraatari gutera induru gusa.

…ibirimivyigabanganije, nk'ivy'umuriro; bibajak'umw'umwe. (Ntibări bashoboyekwigumya!)

Bose buzuzwa Mpwemu Yera,…(Woo!)

56 N'igiki rero caciye kiba? Baciye baciye basohoka bajamw'ibarabara. "Umwigisha Jones ari hehe? Wa muntu ari hehe? Mbe ca gihangange nacoc'incabwenge kiri hehe?"

"Imana Yari hejuru yacu, hamwe na Mose, mu gisaka cakaumuriro; Yaratugaburiye manu yo mw'Ijuru. Yaragendanye natweimyaka itatu n'intuze zitandatu…imyaka itatu n'amezi atandatu, hano kw'isi. Arikoubu naho Iri muri jewe. Si mvuga; ni Yo. Ndazi Iyo Ari Yo, nanje ndazi uwo ndiwe. Ntakiri jewe; ni Yo."

Nimumuzanehano! Yemwe bagabo b'Isirayeli, namwe…namweababa i Yudaya, ibi mubimenye - ibimubimenye, kandi nimwumvirijeamajambo yanje, mwebwe mwese abavugabutumwa n'abigisha.

Woo! Bagenzi! Ubushobozi bwo kuvuga! Ôo! "Abantibaborewe!" Yariko avugira izo nkehwa, ijana na mirongo ibiri, ku bantu ibihumbicumi canke barenga.

…Aba ntibaborewenk'uko mwiyumvira, kuk'ubu ari isaha zitatu z'umunsi.

Ndi umuvugabutumwa w'Ubutumwa Bwiza bwuzuye.

Arikw'ivyo ni ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana Yoweli;

Bizoba mu minsi y'iherezo, nikw'Imana Yagize, Nzosuka…Mpwemu wanje (woo) ku barin'umubiri bose: kandi aba… Mbega mwabonye Mariya hanze ariko aratambiramuri Mpwemu, avuga mu ndi yongera agira ibintu bitagira umutwe n'amaguru?...ku bari n'umubiri bose:…

…kandi n'abasavyikazi banje Nzobasu…Mpwemu wanje;…

…Nzoshirautwumiza hejuru mu majuru, n'ibi…hasi kw'isi…umuriro no gupfunduka kw'umwotsi:

Aho rero Imana Yari mu bantu baYo. Amen.

57 "None mwebwe, mufise indangabumenyi nyabaki? Ni hehe, mwazananyemu rihe shure?"

"Ubu ivyo ntaco bivuze aka kanya." Ôo, maze acaatangura rero gusuka Ivyanditswe.

Kuko Dawidi yavuze ivy'Uwo! Nabonye Uhoraho imbere yanje…ngo sinyiganyige:

…ni co gitumaumutima wanje uhimbarwa,…ururimi rwanje rukanezerwa;

…Kuk'utazorekeraumushaha wanje i kuzimu, kandi ntuzotanga Uwera waWe ngw'az'abore.

…s'ikingora kubabarira mvyeruye ivya sogokuruza mukuru Dawidi,…yukoyapfuye agahambwa, n'imva yiwe iri ng'aha muri twebwe…na bugingo n'ubu.

Ariko biciye ku muvugishwa…yarabonye imbere y'igiheukuza kw'Umwe Agororotse.

…n'uko nimubimenye mudakekeranya, yuko Imana YamugizeUmwami na Kristo, Yesu umwe mwabambwa n'iminwe y'abanyakibi. (Amen!)

"Bagabo bene Data, dukore iki kugira dukizwe?"

…arabishura ati:Nimwihane, umwe wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, muboneguharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire, ari yo Mpwemu Yera.

Kukw'isezerano ari iryanyu kand' ar' iry' abana banyu, n'abari kurebose, abazohamagarwa n'Umwami Imana yacu. (Amen.)

58 Igihe cose Imana Igifise ihanga, Imana IgifiseIshengero, Itegerezwa kugira Mpwemu Yera agendana naryo. Ico nico ImanaYatangiye Mpwemu Yera. Hazokwaduka abanyabwenge; nikwo vyamye bimeze. ArikoImana Irafise inkehwa ahantu kanaka. Imana Irafise Ishengero rizobandanyarigendana n'umubazo wa Mpwemu Yera, rigaragaza Umuco. Kandi abo nibo bazociraisi urubanza, biciye ku gishingantahe cabo.

Mbega Bibiliya siyo ivuga iti: "Hahirwa abafiseimitima itanduye, kuko ari bo bazobona Imana"? Kandi ntiyavuze iti: "Umugororotsi,abera bazocira imanza isi"? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.] Nta nkeka. Igishingantahe cawe uyumunsi nico kizokwegera urubanza iki gisagara. Igishingantahe cacu c'umubatizowa Mpwemu Yera n'Ubushobozi bw'Imana, ubuzima bweranda, bizokwegera urubanza iki gisagara.

59 Igihe iyi… "Ab'imbere bazoba ab'inyuma; kand' ab'inyuma babeab'imbere." Ntaco nzomenya ku bijanye na Sankey na Moody, mw'izuka ryabo. Ntana kimwe bazomenya ku binyerekeye, muri ryo. Ariko nzoba ndaririmwo, kugirantange igishingantahe; namwe n'ukwo. Rero hamwe n'ivyo, mugukwiragiza Umuco wanyu, n'umubatizo wa Mpwemu Yera, kandi biciye mu buzimamwabayeho, hamwe n'ibintu Imana Yakoze kugira Yemeze yuko Iriko Irakorera hano;hanyuma hamwe n'ubwenge bwabo bagaca bavyigirwa kure; bazocirwa imanzan'ab'isi. Baramaze gucirwa urubanza. Baramaze kurucamwo.

60 Ôo, bagenzi! Nariko ndavuga ku Bushobozi bw'amasengesho, Ubushobozibwo kuvuga, Ubushobozi bw'ubuzima bweranda. Amen. Ivyo nivyo Mpwemu Yeraazokora.

Mwebwe bantu mugenda muvuga ngo: "Emwe, jewesinshoboye kureka kunywa inzoga. Sinshoboye kureka iki."

Mpwemu Yera aza kuba muri wewe, akirukana kure yaweivyo vya sinshoboye. Ukwo ni ukuri. Atumaabagore bahagarika kumwa imishatsi, abatuma bahagarika kwambara amabuturan'amapantaro. Aho nta vyireguzo. Abatuma bahagarika gusakuza. Ôo, egome, ivyonivyo Akora, abaha kubaho ubuzima bweranda. Azokurikiza amategeko ya Bibiliyaigihe cose.

Umugore avuga ati: "Gusa harashushe; rero ningombwa nambare izi. Bituma meneka umutwe iyo ndetse imishatsi yanje ikure."

Ariko vyireguzo kuri Mpwemu Yera. Ari ng'aho kugiraivyo abishire mu ngiro. Azokurikiza Ijambo urudome ku rundi. Ivyo nivyo MpwemuYera azokora.

Azogutuma wewe mugabo uhagarika guhindukira urabaabagore bambaye impenereza, agutume ureka kubipfuza, hamwe n'abanywanyi b'ishengero.Ivyo nivyo azokora.

61 Ni kugira agutume uhagarika kunywa itabi n'inzoga, nokuba…gushaka kuba umuntu ahambaye. Ivyo Azobigukuramwo. Azokugira uwicishijebugufi ivyo niwabikora. Iyo niyo ntumbero ya Mpwemu Yera. Ni kubw'ubuzimabweranda. Ukwo ni ukuri. Agutuma uhagarika insaku. Agutuma uhagarika gukinaamakarata, gukina rudo, hamwe n'ivyo bindi bintu vyose mukora mwinyegeje.

Azotabuma uhagarika kwigenza ukwo wigenza, kuba umuhemuku mugore wawe. Ivyo nivyo azokora. Ukwo ni ukuri. Azogutuma usigaho gushakakwabira umugore w'uwundi muntu. Ukwo ni ukuri neza na neza.

Ico nico Ari. Ni kugira Agutume ubaho ubuzimabweranda. Iyo niyo ntumbero y'Ubushobozi bwa Mpwemu Yera, "agutuma ivyipfuzovyawe biba ibihanze ivy'iyo Hejuru," aho Imana Ivyagiye ku… ?...iciyumviroca Kristo muri wewe. Ntushobora kwibuza kuraba ivyo bintu; iyo ubiravye, uca ukuray'amaso.Ukwo ni ukuri. Ni kugira Abigushoboze.

Uvuga uti: "Sinshoboye kubikora. Ôo, ntavyonshoboye gusa." Koko, ntavyo ushoboye.

Ariko Mpwemu Yera aza kubw'iyo mpamvu. Ivyo nivyoYakoze. Aza kugira abigukuremwo, za ngeso zose za kera na bimwe uhora ukora.

Kwa kuvugavugana nabi, mwicamwo ibice muvuga ngo: "ImanaIshimwe, ndi Umumetodiste, ntaco nsa nsaniyeko n'abo beranda bikumbagaza."Mpwemu Yera aza gufata ivyo akabigukuramwo.

62 "Ndi Umubatiste. Ndi Umuperesipiteriyano. Sinojamur'uwo mugwi muto w'aberanda bikumbaga ba kera." Mpwemu Yera aza gufata ukwokugamika izosi kwose akakubakuramwo. Ivyo nivyo Yakoze. Aboza mu Maraso; Agacaabagorora. Ivyo nivyo Aza gukora.

Yaje kugira abashire ku murongo. Yavuze Iti: "Umusozin'akarambi bizoringanira." Ico nico Yaje gukora; kubaringaniza. "Kuringanizaahakirurutse; kugira imisozi yose ise nk'iyiriko yigina amatavu nk'imyagaziy'intama, n'amababi ariko abakomera amashi." [Mwene Data Branham akomye amashiincuro

zine. -Umw.] Inyoni ziririmba ugutandukanye. Inkengeri z'umunezero zicazivuga. Nta kabuza. Ivyo nivyo aza gukora. Iyo niyo mpamvu Imana YarungitseMpwemu Yera, kugira mushobore gukora ivyo bintu, kugira mushobore kuYikurikira.

63 Ubu rero sinshaka kubababaza, ariko nababwiye yuko ndihano hamwe n'ukuba imvugakuri vyimbitse. Mu kwirinda kubababaza cane, rimwe na rimwenca nsimba umurongo kanaka; ariko nkagumana na kwa Kuri, ariko nkaguma ahonyene nkabivuga ku buryo bitaza kubababaza cane.

Ariko ngomba ndababwire ikintu kimwe. NimbaBibiliya ivuga yuko ari bibi k'umugore amwa umushatsi wiwe, namwe mukaba muvugayuko mwaronse Mpwemu Yera hanyuma mukamwa umushatsi wanyu, ndiko ndibaza nimba mumufisevy'ukuri. Ntimushavure; nimba bir'ukwo hoho, ivyo navyo bica vyerekana yukohariho ikindi kimenyetso kibatunga urutoke.

64 Nimba Bibiliya ivuga yuko ari bibi k'umugore yambaraimpuzu zigenewe umugabo, hanyuma mugaca mwambara yo masarubeti n'amapantaromw'ibarabara, mwebwe bagore mukuze! Nimbaza ku kana gato koba vyose…nk'icokuba, harya bakiba n'uduhungu tukiri duto n'ibindi. Ariko nimurabe, nkamwe mwe-mwebwe bagore mukuze, imyaka cumi n'itanu, cumi n'itandatu, cumi n'umunani,gushika kuri nyokuru, hanze mw'ibarabara! Bibiliya nayo yavuze yuko, "Ariikizira mu maso y'Imana," ku mugore kwambara ivyo bintu. Ariko n'ubwo bir'ukwomuravyambara, hanyuma mugaca muvuga ngo murafise Mpwemu Yera? Rimwe na rimwempora ndavyibaza. Mpwemu Yera azokurikiza Ijambo ry'Imana urudome ku rundi.

Umuvugabutumwa nawe inyuma y'igicaniro, adafise ubuntubuhagije bwo kuMuvugako ubutumwa, ndakekeranya yuko nawe ataWe afise. Ukwo niukuri koko. Emwe, ico nico Mpwemu Yera abereyeho.

65 Nikugira Ahe isigwa umuvugabutumwa. Ni kugira Ahe ubweranda umugwi. Ni kugiraAshire Ishengero mu rutonde. Ni kugira Azane ubumwe bwa Mpwemu. Ni kugira Atunywanishirizehamwe mu Bushobozi. Ni kugira Atunywanishirize hamwe mu rukundo, urukundo rwabene Data.

Sinitayehonimba uri Umumetodiste, Umubatiste, Umuperesipiteriyano, Umuluteriyano, uwo uriwe wese, nimba mwese mwarabatirijwe muri wa Mubiri biciye kuri Mpwemu Umwe, mazemuhinduka abanywanyi ba wa Mubiri wa Yesu Kristo, aho rero nta…nta biriho, ntabizoza; inzara, ikigoyi; nta nakimwe gishobora kudutandukanya n'urukundorw'Imana, urukundo rwa Kristo, "urukundo rw'Imana ruri muri Kristo," kuberatwavyawe na Mpwemu wiWe, twozwa n'Amaraso yiWe. Turi ivyaremwe bishasha. Iconico Imana Yaje gukora. Ico nico Mpwemu Yera akora. Egome mushingantahe. Ni ico.

66 Uburero, bantu, nimundabe, amaso mu yandi. Ibiganza vyinshi vyarakirijwe, mwararonseMpwemu Yera; murabona, nta nkeka, vyari vyinshi. Ôo, ubu ngira - ngiransimbe gato hano. Ibi biriko birafatwa amajwi. Ariko tuzobibonako vyinshi ejoku mugoroba.

Nimbauvuga yuko uMufise, hanyuma ukaba wâgīrwa n'ibi bintu, ndiko ndibaza ikintu kikurongōraico ari co. Imana ntizokwigera Ikurōngōrera hanze y'Ijambo. Izokugumizakw'Ijambo, kubera ayo niyo mabwirizwa y'Imana, y'Ishengero ryaYo, kubw'abantubaYo, ku bagore, no ku bagabo.

"Erega," uvuga uti: "Gukora ibi na biriya jewe ntaco bintwaye." Ntacobigutwaye? Ijambo rivuga yuko bikigutwara.

Kandinimba Mpwemu Yera ari muri wewe, azokurongorera kw'Ijambo ubutarariye. Nta vyireguzobizobamwo. Imana nta mpinduka igira canke ivyireguzo. Ishiraho ingingongenderwako hanyuma namwe mukayikurikiza. Nta bindi. Ukwo niko bimeze kuri bose. Muza co kimwe.

Petero yavuze ati: "Nimwihane, umwe wese murimwebwe; mubatizwe, umwe wese muri mwebwe mw'Izina rya Yesu Kristo muboneguharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire ari yo Mpwemu Yera." Murabona?Ni ivyo. Dutegerezwa kuja kw'uyo murongo.

67 Ubu rero si ukuvuga ko ngomba kubababaza; ndabakundacane. Ariko mwene Data, mushikanje, mbega murabona yuko, hamwe…ko nzi yukonzotegerezwa guhagarara mu minsi y'iherezo kw'izuka, hamwe na runo runganwe rwabano bantu, hanyuma nkabazwa ivya rino Jambo? None Mpwemu Yera ariko arerekanabino, nanje ndavyigisha hiyo hanze, none muzohagarara hehe? Ni gute ivyomuzobicika? Ntuzobicika, mugenzi. Ubu rero, ivyo nimubihagarike. Ikintu coseuriko urakora kitari co, gihagarike.

Uravuga uti: "Sinshoboye."

Aho rero, nturaronka muri wewe Umwe Ashoboye. IyoMpwemu Yera aje, aguha Ubushobozi bwo kunesha isi. Kandi nimba mu…Umviriza icoYavuze. "Nimwakunda isi canke ibiri mw'isi, ni kubera urukundo rw'Imana rutarimuri mwebwe." Rero aho, nta vyireguzo. Arabitomoye neza, natwe dutegerezwa kujakw'uwo murongo.117 Ndazi mwiyumvira ko ndimubi cane. Ariko nduzuye bimwe bibi kano kanya. Murabona? Nimwumvirize. Ukwo niukuri.

68 None rero nimuze kuri We, mwene Data, mushikanje.

Ntimureke amwe yo mw'ayo mashure y'ubwenge ya hanoababwire ngo: "Ôo, ubwo ni ubujuju bw'uyo mutama wo mu buryo bwa kera."

Nimba ari ubujuju bw'umutama wo mu buryo bwa kera, ahorero n'Imana naYo ni umutama wo mu buryo bwa kera. Kandi nimba Imana ariumutama wo mu buryo bwa kera, aho nanje ndi we. Amen. Ngomba kumera nka Yo. Kuberaiki? Mpwemu waYo ari muri jwe, iyo nyota n'inzara, Yita ibintu vyose binyuranyen'Ijambo…

Nimba abantu bavuga ngo: "Nta kibi kirimwo kugira,ôo, hamwe umuntu akinye amakarata gato kubwo kwinezereza, agakinisha igicerikimwe canke bibiri. Nta kibi kirimwo." Imana Ivuga yuko kirimwo.

"Ôo, hamwe unyoye akarahuri kamwe keza mu kibano, ukanywakoduke gusa, rimwe na rimwe."

Ariko Imana Ivuga Iti: "Aragowe."

"Ôo," muvuga muti: "Nta na kimwe mwene Data Branham. Je- je - jewe mwa umushatsi wanje kubera impamvu nziza. Umugore, urabizi nawe, abandibagore bose barabikora." Sinitayeho ivy'abandi bagore bose bakora. Si bocitegererezo cawe canke si bo shebuja wawe. Nimba ufise Mpwemu Yera muri wewe, uzokurikizaamabwirizwa yiWe utarinze kwitaho ivy'abandi bakuvugako.

"Erega, mwene Data Branham, harashushe cane,ntegerezwa gusa kwambara impuzu izi n'izi." Gehinomu ishushe cane kurusha aha, mushikanjemukundwa. Reka ndabikubwire. Ivyo ntu - ntukabikore. Ivyo uvyibuke.

69 Mpwemu Yera We azokwama na ntaryo akuyoborera ku Kuri,kandi Ukuri kwiWe ni Ijambo. "Ijambo ryaNje niryo Kuri. Ijambo ryose ry'umuntuni ribe ikinyoma, ariko iryaNje ribe ukuri."

Rero mwiyumvire gusa: "Ikizira." Mwoshobora kwibaza?

Iri ni ijambo ribi cane ku mukozi w'Imanakurivuga, ariko naragiye mu buzu bwa sugumwe ahantu hamwe aho vyose gusa…Wociyeutegerezwa guca gusohoka, vyari hafi vyuzuye…Hamwe n'ibintu bicafuye ku ruhome.Naciye niyumvira nti: "Ni gute mw'isi hashobora kuba abantu bari hasi kw'ururugero?" Hamwe n'umunuko! Maze kwinjira mw'ivyo bibanza, nagumye nibwira nti:"Mbega umunuko!" Nogize…Ng'ah'imbere, nagumye mpfunyiranije amazuru gurtya, kugira nkarabe. Naratinya yukoninongera gukora ku kuma ko kwugara umuryango, yuko hoba hariko imigera y'umwandan'ibindi. Ndiyumvira nti: "Ôo!"

Umunsi umwe, mpagaze ku kibuga c'indege, kimwemuri ivyo bibanza narinjiyemwo, nakwo ku gituro c'indarayi, narinjiyeyo ng'aho.Nca ndiyumvira nti: "Ôo, Mukama w'ikigongwe."

Niho Ikintu kanaka gica kimwira giti: "Ukwo ni koisi inuka ku Mana. Ni igisesema."

70 Nariyumviriye, iyo mbonye umugore agenda mw'ibarabara,yikumagura nk'ukwo, yambaye impuzu z'abagabo, ukwo niko ivyo bisa ku Mana. Niibisesema, ikintu gishisha kandi kinuka imbere y'Imana. N'ubwo bir'uko, azogendakw'ishengero kuw'Iyinga, kandi yíravye amarangi.

Aho hazobaho umugabo aja ng'aho, anywe inzoga, aswaganye,akunde amahera, abeshe umubanyi wiwe, n'ibindi-bindi, kugira aronke amaheramenshi cane; akore n'ivyo bintu, akine akamari, anywe itabi, anywe n'inzoga,yongere abeshe; mu nyuma agaca aja kw'ishengero ashinge intahe. Ibisesema! Ibizira!Iryo ni ishengero ry'ivy'ubwenge.

Uravuga uti: "Erega, jewe ndi umunyeshengero." Emwe,nagaca bareka ishengero rigasohoka hanze, iminota cumi n'itanu, kugiraabadiyakoni bose n'abandi bose bashobore gutumura agatabi, eka mberen'umwungere, imbere yuko musubira kwinjira kugira igikorane kibandanye. Munyumvirenamwe! Nimwitandukanye n'ikintu cose canduye!129 "Wanduje uwo mubiri;Nzowusangangura." Imana Yavuze yuko Yobikoze.

71 Kandi uyu munsi, ni ibice birenga mirongo icendakw'ijana vy'abapfa bishwe na kansere yo mu muhogo n'iyo mu mahaha, ziterwa nokunywa itabi. "Wanduje uwo mubiri; Nzowusangangura." Ariko bariko baja i kuzimu,baguma babandanya nk'uko, ntavyo bazi.

Umuvugabutumwa nawe ari inyuma y'igicaniron'indangabumenyi zine, yakuye muri kaminuza, nawene ubwiwe aranywa itabi. Rekandababwire ikintu kimwe, mwene Data. Mpwemu Yera Yarungikiwe guhamagariraabagabo n'abagore gusohoka muri ico kintu. Nimwitandukanye!

Iryo jambo ishengerorisobanura "gutandukanywa." "Nimuve muri bo," ni ko Bibiliyayavuze. "Ntimukore ku vyanduye vyabo, Nanje Nzobakira; muzoMbera abahungun'abakobwa, Nanje Nzobabera Imana." Ôo, bagenzi! Sinshaka kubaumubisha, ariko nshaka kuba umwizigirwa n'imvugakuri. Egome, mushingantahe. Ôo,mbega ikintu gitey'ubwoba!

72 Bagabonamwe bagore, uyu munsi duhagaze hehe? Turi hehe? Reka duhagarike.

Ejo bundi n'i mugoroba, ku ntebe ya kera mu cumba, (ntegerezwa kurangiza), kuntebe y'idiva. Maze gusenga iminsi itatu cane ine, narageze aho ntangurakuzunguruka, ndiyumvira nti: "Ô Mana," narageze aho ntari mbona ico gukora. Ndavuganti: "Mana, turi ku mpera y'urugendo. Kandi ndabona yuko har'ivyo nafasheminenerwe. Nagumye mpamagarwa, nanje nari ndushe, sinari nshoboye kubikora." Mw'uyomwanya nca ndiyumvira mbona ni nk'aho nariko ndabona Umwami wanje arikoaragenda adandabagirana muri wa mwijima hariya hejuru, igihe Yari Arushe caneku buryo Yashingura ikirenge bibanje kugorana, ariko ntiYagize…Yarahagaze kubwawa mugore w'i Nayini, kubwa wa muhungu yari yazanywe yapfuye; ku buryo Yashoboyekugenda gukora kuri kirya gitanda, maze agakoresha inkomezi nkeyaYar'asigaranye akazura uyo muhungu. "None nanje ni gute narúshe? Ni igikikitagenda neza kuri jewe ga Mwami? Ubu ndiko ndibaza nti: 'Ehe ndiko ndasaza. Ntavyonsho - nshoboye gukora.'"

73 Ng'ahohărihoMose, yakorera ya Mana nyene nkorera, we yarahagaze hariya hejuru, ku myaka ijanana miringo ibiri.

Ng'ahohariho Kalebu, yar'ahagaze ku myaka mirongo icenda, hamwe n'inkota mu kiganzaciwe, maze aravuga ati: "Yosuwa ni we yampaye iyi nkota, haraheze imyakamirongo ine." Yar'afise nka mirongo umunani. Aravuga ati: "Ndacari umugaboakibasha uyu munsi nk'uko nahoze." Amen.

Naciyemvuga nti: "Mana, ngirira imbabazi."

Ndavuga nti: "Ehe, ndabira, ndacariko…" Naciye mfata ukuboko umugore wanje (mumfuruka), kuri iyi Bibiliya no kuri Bibiliya yiwe ntoyi, hanyuma ndavuga nti: "Mukundwa,narabaye cane uwubona ibintu ukutari kwo. Mpwemu Yera ariko arancirako itekaimbere muri jewe." Naravuze nti: "Ndiko ndiyumvira kuri ya mihare hariyaruguru. Ndikondiyumvira kuri Hattie Wright harya, hamwe na ba bahungu bakiri bato. Ndikondiyumvira ivyo Imana Yakoze, Iriko Irerekana yuko Yari Imana, yuko YariIshoboye kurema." Haleluya!

Nariyumviriye nti: "Haraheze imyaka kanaka, YamwiyeIti: "Sinzogusiga. Sinzokwigera Ndaguta. Nta muntu n'umwe azoguhangara, iminsiyose y'ubuzima bwawe. Nzobana nawe. Kandi uhereye kuri kino kiganda co kumenyaibihishijwe, hazogera igihe umenya n'amabanga yo mu mitima. Inyuma y'ivyo, bizokura,bibandanye bikura.' Umwaka inyuma y'aho, ivyo vyaremejwe mu buryo butunganye,kw'isi yose. None raba ivyo vyarashitse, kino kindi gikorwa c'ibango gihambaye,cări kibirengeyekure n'iyo."

Naravuze nti: "Mukundwa, mfashe ikiganza cawe. Kubwogufashwa n'Imana n'ubuntu bw'Imana, reka simbe ncongera kuba umuntu abonaibintu ukutari kwo. Reka ngendera ngendere muri rino kanguro hano mvugeubutumwa kuruta ukwo ntari bwigere ndabikora. Reka hano niyeze ubwa mbere,kugira ncire inzira abantu; ivyaha vyanje bwite, ugutaga minenerwe kwanje bwitebibe musi y'Amaraso, reka ivyo mpajije vyose bibe musi y'Amaraso, kugiranshobore kugenda mvuge nti: 'Bantu, nimunkurikire.'" Ni vyo koko.

Ndanka kubona umuntu avuga ngo: "N' abe ari weweugenda kubikora." Nkunda mbone umuntu azoca afata iya mbere mu kubikora. Egome,mushimgantahe.

74 Haraheze igihe hano, hariho umuriro wadutse ng'aha mugisagara, Pfau Oil Company yarafashwe n'umuriro. Bari bafise ca Kigo kijejwejuzimya umuriro c'i Jeffersonville. Niho umugenzi wanje umwe, umuntu mwiza, ntiyar'amenyereyeumuriro wiyadukije mwinshi nk'uwo, yaguma agendagenda avuga ngo: "Tumberezeamazi makeya amaja ng'aha, bagabo. Tumberezeamazi makeya ng'aha."

Haca haza umugwi uvuye hariya muri Clarksville bazabariruka: "ding, ding, ding, ding." Umukapitene w'iyo kizimyamuriro acaarasimba, avuga ati: "Tumbereza amazi makeya harya. Sunikira rirya dirisha hariya.Tumbereza amazi harya."

Niho hakurya y'uruzi haca haseruka abajejwe kuzimaumuriro babizobereyemwo neza bavuye i Louisville. Ico gishoka kinini n'ingazi vyagiyegushika hasi umurongozi yamaze gushika hejuru ku ngazi. Ingazi bahejejekuyihagarika we yamaze gushika hejuru. Aca aterera ishoka yiwe imbere yukoashikayo, aca arandura nya dirisha ariterara hanze, avuga ati: "Nimuveyo,bagabo!" Ni ivyo rero. Mu minota mikeya umuriro war'uzimye.

Atari za: "Tumbereza amazi makeya harya. Tumbereza amazi makeya harya."Binteye kwibuka, bamwe muri ba bavugabutumwa b'incabwenge.

Nimuze! Tugende! Ndazi ko ari Ukuri. Narahonjeje kandi narabonye. Ubwiza! MpwemuYera ni uw'ukuri. Imana ni nziza. Ntimugerageze ng'aha, mugerageze hariya;ngw'ino tugendere muri We! Ari hano. I Uwanyu. Imana Yaratanze Ubushobozi bwaYokw'Ishengero ryaYo. Atari gutumbereza aha,no gutumbereza hariya; nta na kimweuzopfa ushitseko. Tera muj'imbere. Amen. Uh! Woo! (Ntan'ubwo ngishoboyekuyaboneramwo. [Mwene Data Branham aciye akura amarori yiwe akoresha mu gusoma.-Umw.] Amen! Tugiye gukora iki?

75 Umuntuwese yicaye hano yuzuye ikintu kanaka.

Ngiyekurangiza; kumbure bica biba ngombwa ko ndangiza, inyuma y'ibi.

Muruzuyeikintu kanaka. Ntimushobora kwicara ng'aho ata kintu kibuzuye. Murafise ubuzimamuri mwebwe. Ubwo buzima nibwo bubaganza, kandi ubwo buzima nabwo buganzwan'impwemu kanaka.

Rero,mushobora kuba mwuzuye isi, mukunda isi n'ibintu vy'isi. Imana Ibagirireimbabazi.

Mushoborakuba mwuzuye nemera z'ishengero kanaka, amasengesho kanaka musubiramwo, mwibazayuko kwoba ari muntu kanaka yapfuye, canke - canke gukubita urumenyetso kanaka.Imana Ibagirire imbabazi.

Mushobora kuba mwuzuye idini, kandi ivyo rero ni bibi kurusha. Ukwo ni ukuri. Ukwoni ukuri. Bibiliya yavuze iti: "Mu minsi y'iherezo abantu bobaye ari abanyedinicane, bafise ishusho yo kwubaha Imana; bafise ishusho yo kwubaha Imana, arikobagahakana Ubushobozi bwakwo; abameze bartyo wame ubatera ibitu."

Nimbawuzuyemwo idini, urateye akagongwe; nta bindi. Nimba wuzuye nemera, ntuzi ivyouriko uravuga. Nimba wuzuye isi, uri impumyi.

Ikindi naco, mushobora kuba mwuzuye Mpwemu Yera. Amen. Ndizera yuko ari We mwuzuye. Kandi naho, nimbaatar'ukwo biri, ndizera mugiye kumwuzura. Nimba mwuzuye Mpwemu Yera, mufiseiki? Mufise Ubushobozi. Mufise urukundo. Mufise amahoro. "Amahoro yaNje Ndayabasigaranye;Jeho singaba nk'uko ab'isi bagaba, Ndayabasigaranye." Mufise amahoro. Mudomwekoikidodo. Mufise ikimenyetso. Amen. Mufise uburuhukiro. Mufise umunezeroudaserangurika, kandi mwuzuye ubwiza. Murashinze inanga. Ôo, bagenzi! Iconico muri, hamwe na Mpwemu Yera. Mufise…Nimba mwuzuye Mpwemu Yera: "Mwavuye murupfu muja mu Bugingo," murindiriye rya zuka rusangi ryo mu gihe c'iherezo.

76 Mw'isi igiye kuza, biciye mu Mwami wacu Yesu Kristo, abaMubonyeazananye mu bwiza n'ubukuru: "Ikiyaga kizogarukana abapfuye bo muri co." "Imibiriibora ya bamwe basinziririye muri We izo…"

"Basinziririye muri We." Ni gute mwinjira muri We? "Kukomuri Mpwemu Umwe twese ari ho twabatirijwe ngo tube mu Mubiri umwe."

"Imibiri ibora ya bamwe basinziririye muri Weizohindurwa ishushanywe n'Umubiri w'ubwiza bwiWe, nk'uko Afise ubushobozi bumubashisakwigarurira vyose."

"Numva Ijwi rivuye mw'Ijuru, ni Yohana yabivuze, 'rimbwirariti: 'Andika uti: "Uhereye none hahirwa abapfa bapfira mu Mwami…"'" Mwinjirayogute? "Kuko muri Mpwemu Umwe twese ari ho twabatirijwe ngo tube mu Mubiriumwe." [Mwene Data Branham akomye amashi rimwe. -Umw.] "'"…abapfa bapfira muMwami; ngo baruhuke ubutame bwabo; kukw'ibikorwa vyabo bijana nabobibakurikiye."'" Hum!

Ico nico Yarungikiye Mpwemu Yera. Ôo, ugushiraamanga guhezagiwe, Yesu ni uwanje! Ndi muri We, na We Ari muri jewe; Data muri We,na We muri Data; Data na We muri jewe, hanyuma nanje muri We.

…Yesu n'uwanje!

Ôo, mbegaimponjo y'ubwiza bw'Imana!

Ndi umuragwa w'agakiza k'Imana,

Navyawe na Mpwemu wiWe, igihe nǒzwa mu MarasoyiWe.

Amen. Ivyo ntaco nobikaba. Ôo, bagenzi!

Utubuyenge twose tw'igiciro n'amadiyama, inzaha n'ifeza,

Vyuzuye amasandugu yiWe, ni Umutunzi w'ibidaharurika.

Kuko ndi umwana w'Uyo Mwami!

Ndi umwana w'Uyo Mwami!

Hamwe na Yesu Umukiza wanje,

Ngira umwana w'Uyo Mwami!

Amen kandi amen. Ivyo sinobihindura. Sinobihindura.Ndacafise imirongo ibiri canke itatu y'Ivya…

Rero, ng'iki ikindi Canditswe. Igihe - igihe mubamwuzuye Mpwemu Yera, ivyo nivyo muba mufise. None muri iki kub'isi? Kavantara. Ndaziko umwanya waheze, ariko ntuzigera uhera kuri ibi. Kavantara! Ôo!

Turiingenzi na ba kavantara hano,

Turiko turondera ca Gisagara co muri kazoza,

Ubwato bwo kudutabara buri hafi kuza,

Gukoraniriza Utubuyenge twiWe Muhira.

77 Ndashobora kwumva ukuyogora kw'amazi hariya ku ruziOhio, igihe nari nkiri umusore wa kera w'umuvugabutumwa, mfise nk'imyakamirongo ibiri, ndiko ndirimba iyo ndirimbo hariya. Maze nca numva, ndavyehejuru yanje, nca numva Ijwi rivuga riti: "Raba hejuru." Niho haca haza uryaMuco munini umanitsa hariya, uramanuka hejuru yanje, uravuga uti: "Nk'ukoYohana Umubatizi yari yarungikiwe kuba integuza y'Ukuza kwa mbere Kristo, uzohabwaUbutumwa buzotegura Ukuza kwa Kabiri kwa Kristo."

Ôo, ni guteivyo noshoboye kuvyizera? Ariko n'ukwo nyene vyagenze. Kandi kw'uyu mugoroba amakanguroy'umuriro ariko ararigita hirya no hino kw'isi. Rya Shengero rihambaye ry'Imanaryacunguwe, ryahagurutse kugira risohoke aho hantu, hamwe n'ibikorane bihambayevy'ugukira indwara, n'ibimenyetso, n'utwumiza, n'ibitangaza, vyerekana kwa Kuza.

78 Muriingenzi, muri ba kavantara. Mukora ibintu bitangaje, bitandukanye n'ivyomwahora mukora. Ntimucigenza nk'uko mwahora mwigenza. Abantu…Mpwemu Yera, iyoAbajeko, muca mwuzura Mpwemu Yera, mugaca muheba ibintu vy'isi. Muca muhebaibintu vyohava bibabuza kubandanya. Muca mubiheba. Kuri bo uca uhinduka icaremweki - kimeze ukuntu gutangaje, ya mbata itose, ya nkona yari yaberukiye mu caric'inkokokazi; bimwe mperutse kwigishako: HanyumaIyo Inkona Ikanguye Icari Cayo. Kuri bo muba muri icaremwe kibonekank'igitwengeje.

Ariko,ôo, bagenzi, uba uriko widugira mu Nzira Iduga y'Umwami! Amen. Ôo,ni Inzira iduga mw'Ijuru. Nanje ndiko ndagendera muri iyo Nzira.

Bavugabati: "Ndabira uyo mweranda yikumbagaza, iyo mbata itose. Uwo ni wamuvugabutumwa w'umweranda yikumbagaza."

79 Umuvugabutumwarurangiranwa w'Umumetodiste yabwiye umuntu umwe uyu munsi ati: "Nari nipfuzagufasha mwene Data Billy, ariko murazi ico noca nkora? Vyoca binsaba yuko nishiramw'irinde." Singombwa yuko wishira mw'irinde kubera jewe.

Yarashizemw'irinde ubuzima bwiWe kubwanje. Amen !... ?...Ndiko nidugira gusamuri iyo Nzira ija mw'Ijuru, nta bindi. Ôo, bagenzi! Nuzuye Mpwemu Yera!Navyawe na Mpwemu wiWe! Nŏgejwe mu Maraso yiWe! Haleluya! Umunezero!

Ikindi naco rero, ni igiki kigutuma ukora ivyo none? Uguma uri umuntu, arikonone ni igiki kigutuma ubikora? Ni kubera wewe ukomoka, Impwemu yawe ikomokahiyo hejuru. Ni Imana muri wewe.

80 Igihenagenda hariya i Roma, nasanze bo, umwese muri bo, afise impwemu y'Ikiroma. Igihenagenda mu Bugiriki, bose bari bafise impwemu y'Ikigiriki. Naragiye muBwongereza; bose bari bafise impwemu y'Icongereza. Iyo ushitse ahantu, usanga…Mucamubona impwemu y'Ikinyamerika; yoyo irateye ubwoba.

Igihe ninjira muri rwa ruhafu rw'i San Angelo i Roma, bari banditseko hejurungo: "Turabasavye, bagore b'Abanyamerika, mwambare impuzu; kubw'itekary'abapfuye." Impwemu y'Ikinyamerika.

Murabitegerezabavuye ku kibuga c'indege, bambaye twa duhuzu tugufi, bose baca babaraba, nonehorero Umunyakaranga wo muri Amerika agaca aseruka. Iyo ni impwemuy'Ikinyamerika. Murashobora kuvuga aho aturuka; aba yambaye, muhungu, arikoaburuta inyuma yiwe urubwa rw'ivyoha rwuzuye ibiseru ku mazuru. Emwe n'ukwo. Ôo,egome, ni i…We, ni umunyamerikakazi, Umunyakaranga wo muri Amerika; akamanuka,murazi, yishibagura nk'uku. Kubera iki? Afise impwemu y'Ikinyamerika. ArikoYesu yaravuze, Yashinze intahe anyuranije n'ivyo kirya gihe, Yababwiye ati:"Mwebwe mwamutse mur'iyi si. Jeho namutse iyo Hejuru."

Kandinimba ufise Mpwemu wa Kristo, na we wamuka iyo Hejuru, rero uri kavantara hano. Ariko ufise kamerey'aho wamuka. Ico nico ndiko ndagerageza kuvuga.

81 Umuroma aje hano, aca yiyagaza mu mutwe; Umudagi naweaje hano; Umunyamerika agiye hariya. Kubera iki? Mufise impwemu z'ivyo bihugumuba muvuyemwo.

Iconico kibagira abatandukanye cane n'ab'isi. Mwamuka iyo Hejuru. Muba mwaravutse.Muri - muri abenegihugu bo mu bundi Bwami. Ivyo muravyizera? Ico nico MpwemuYera ari, ni kugira abagire abenegihugu bo mu Bwami bw'Imana.

None,nimba muri umwenegihugu wo mu Bwami bw'Imana, bizogutuma ukora gute? Nk'ukoImana Ikora mu Bwami bwayo. None, Imana ikora iki mu Bwami bwayo? Ni ubweranda,ukugororoka, ivyiyumviro vyejejwe, imitima yejejwe; Ubushobozi bo n'urukundo, kugendaugana abatakaye, gukiza abarwaye, gukora ibitangaza, gukora ibintu bihambaye. Ahorero kw'isi uba uri nk'umusazi, kando bo baca bavuga

ngo: "Abo bantu vyaraparanganyemu mutwe yabo." Murabona? Ariko muba muri abenegihugu bo mu Bwami.

82 IkindiCanditswe nimba mushaka kucandika ahantu, Yohana 12:24. Ngombandakibasubiriremwo nihuta. Yesu yavuze ati:

…iyo agatete k'urugano kataguye mw'ivu…ngogapfe, ntigashobora gutanga ubundi buzima.

Ubu rero, nimwihweze, amajambo yo guherezako akakanya. kandi mwibuke rero, ni ata nkeka…Kano kanya, kuri mwebwe bantu, ni ivyanyamukuru cane, kandi ni ngirakamaro, ni nkekerwa kandi ni itegeko yuko muronkaMpwemu Yera ubu. Kuko, mutamuronse, ntimushobora kuza mw'izuka. Ubu reromurabe. Imana ntishobora kurenga ku mategeko yayo. Ivyo turabizi. Irakurikizaamategeko yayo.

Rero, u - urutete rw'urugano, canke urutete,tubivuge, nk'uku Yesu yabivuze hariya. Koko, u - urutete muri Bibiliya, narikondasoma uyu munsi, bijanye ku mbuto z'igiti canke n'urundi rutete rwose, ariko,urugano, sayiri, ikigori, canke ikindi cose, ni urutete. Ariko iyo uruteterw'urugano ruguye mw'ivu, rero, hariho…Umwe wese muri twebwe aramaze kubibona,arazi bishika. Urutete rw'urugano, canke urutete rw'ikigori, rurashobora kubarusa neza ukwo rushoboye, ariko iyo urutereye mw'ivu, kandi hamwe urwo rutete…

Rurafise ubuzima bw'igihe kirekire. Buramanuka uyumunsi, bugaca bugaruka mu mutumba; bukongera bukamanuka, bukaduga kandi; bukongerabukamanuka. Ni ubuzima bw'igihe kirekire.

Nimba urwo rutete rudafise akagera k'ubuzima muri rwo,ukwo rusa neza kwose ntaco bimaze, ntiruzokwigera namba rumera. Ruterewe mw'ivuruzoca rubora, nta bindi. Uruhande rumwe rwarwo, ibikoresho, rushobora gufasha mugutabira isi ndimwa n'ibindi. Ariko ivyo kwongera kubaho ukundi, ntiruzongerakubaho kiretse rufise ubuzima bw'igihe kirekire muri rwo. Umwe wese arabizi. Ntavyomushobora gusa.

83 Hashobora kuba hariho abantu babiri, umwe wese muri boneza na neza, bompi basa. Umwe muri ashobora kuba ari umuntu mwiza, ashoboragukora ibikorwa vyiza, ashobora gukora n'ibindi; ariko uwo muntu adafiseUbugingo Budashira muri we, ntazokwigera namba azuka mw'izuka. Ntavyo ashobora;nta kintu kiri muri we kiri buzuke. Nta na kimwe kiri muri we co kumuzura, ntaBugingo buhari. Rero, urabona, ga mwene Data mukundwa, umuntu atavutse ubwakabiri, ntashobora na gato kugaruka mu Bwami. Ntashobora. "Uru Rutete rutabanjekugwa mw'ivu ngo rupfe." Yariko arivuga. Ariko Yar'afise, atari ubugindobw'igihe kirekire, Yar'afise Ubugingo Budashira; kandi ubwo Bugingo nibwoYabahaye kugira namwe mushobore kugira Ubugingo mwen'ubwo.

Nimba mufise gusa ubuzima bw'ikiremwamuntu, kugiramugendagende mwipfuza: "Uwuba mu bihimbaro yarapfuye n'ubwo ari muzima,"ntushobora kuzuka. Ashobora kuba ari we mukobwa wa mbere agezweho cane mw'ishure,ashobora kuba ari we mukobwa wa mbere agezweho cane mu kibano, ashobora kubaari we mugore yambara neza cane mu gihugu, ushobora kuba umukobwa mwiza cane, ushoborakuba ufise umubiri wubakitse neza cane, ushobora kuba uri ikigirwamana kumugabo wawe, ushobora kuba ivyo bintu vyose, navyo bikaba ari na vyiza, arikomushikanje, udafise Mpwemu Yera muri wewe, ubwo nabwo bukaba ari bwo BugingoBudashira, ku mpera ya runo rugendo ivyawe biba birangiye.

Kandi sinitayeho ukwo usa kwose canke ukwo ivyo bintubimeze, canke ukwo utagezweho canke ukwo ugezweho, ukwo uri mwiza cane cankeukwo udatey'igomwe, nimba ufise Ubugingo Budashira, Hariya uzobayo Ibihe Bitazoshira.

84 Igihe ukwezi n'inyenyeri bizoba vyagiye, isiyarize amosozi mu misozi no mu bugaragwa, vyose bikazoba, bitakiriho; isi irikoiradandabagirana nk'imborerwa itashe mw'ijoro, inyenyeri zanse gutanga umuco, zirikoziratibagurika ziva kw'ijuru, ukwezi kugahinduka amaraso, maze i - izuba naryorigashavuzwa n'ibiteye isoni rigahisha mu maso haryo, niho bazobona Umwanaw'Umuntu aje, mweho muzoca musayangana mu bugororotsi bwa Yesu Kristo, mu kuvamu mva nk'umugore mwiza w'umuyabaga, kugira muhitane umukunzi wanyu, mucemubaho Ibihe bitagira iherezo, Ibihe Bidashira vyose muzoguma muriho. Iyo ni yo ntumbero ya Mpwemu Yera.

85 Nimba hari akantu na gato mwumva gakwega, ntiMumutereibitugu.

Mpwemu Yera ni iki? Imana muri wewe. Kugira Ikoreiki? Kugira Ibandanye igikorwa caYo mw'ihanga ryaYo; gukoraniriza hamweIshengero ryaYo, gushikana Ishengero mu ahantu muri iki gihe, harengeye caneAbaluteriyano, Abametodiste, n'Abapentekote, ahantu ho kugiririrwa samuragwa n'ubuntubw'Izamurwa. Ivyo, igihe iki gice c'Ishengero, igihe Mpwemu agendagenda mw'iriShengero, rizozuka; kandi rizozurana, rizozura n'abacunguwe bose bakoze kuri UyoMpwemu.

Ba Baluteriyano bahagarara hariya hamwe n'umuco wosebari bafise, mu gutsindanishirizwa; ba Bametodiste bǎgwa hasi,babasuka amazi mu maso, kubw'ukuntu Mpwemu yabafata mu kwezwa; ba Bapentekote,bamwe bagendagenda irya n'ino mw'ibarabara maze bakaba babita "abagigimiza mukuvuga,"

kandi, ôo, “abavuga banyaraguritsa,” n' “abaguguza nk'imbata mukuvuga,” n'ibindi ben'ivyo; bazohagarara mu bugororotsi, mu maso y'Imanakur'uyo Munsi, neza na neza iyi Bibiliya iri hano. Nimba munyizeye ko ndiumukozi…Munyita umuvugishwa waYo; jewe siniyita ukwo. Ariko, nimwumve, ndikondababwira mw'Izina ry'Umwami. Abari muri Kristo Imana Izobazanana na We kurikwa Kuza kwiWe, mw'izuka, kandi ni abo bari muri Kristo bonyene.

86 Twinjira gute muri Kristo, bagenzi?

“Muri nemera imwe niho twiyunganiye twese”? Oya.

“Mu gukorana mu minwe niho twinjirijweyo”? Oya.

“Mu mazi amwe niho twabatirijwemwo”? Oya.

Canke: “Mw'idini rimwe niho twese twagiriyeyo idini”? Oya.

Ariko, “Muri…” 1 Ab'i Korinto 12:13, “Muri MpwemuUmwe,” Mpwemu Yera, Mpwemu w'Imana, “twese twabatirijwe…” Abametodiste, Ababatiste,Abaluteriyano, Abaperesipiteriyano: “Ariko tugendeye mu Muco nk'uko naYo IriUmuco, tuba dufatanije ubwacu, kandi Amaraso ya Yesu Kristo atwoza icaha cose.”“Kuko muri Mpwemu Umwe, twese ari ho twabatirijwe kugira ngo tube Umubiri umwe,kandi twagizwe abasangara Ubuntu bwaYo.”

87 Ntimushobora kuja mu rubanza. “Uwumva Amajambo yaNjehanyuma akizera.” Nta muntu n'umwe ashobora kwizera gushika aronse Mpwemu Yera.“Akozera Uwantumye,” iyo Mpwemu Yera yashingiye intahe ukuzuka kwiWe. “AfiseUbugingo Budashira, kandi ntazoshirwa mu rukinja, ariko yavuye mu rupfu yinjiramu Bugingo.” Iki? Ntimuzigera namba mushirwa muri rwa Rubanza. Ntimuzigeranamba muhagarara imbere ya ya Ntebe Yera y'urubanza.

Urubanza rwanyu rubera ng'aha nyene. Urubanza rwanyumwaruciriwe igihe mwaza mukavuga muti: “Simbereye, kandi n'ivyo nize ntacobimaze. Mwami, nw'ino muri jewe, nyakira undongore, Mwami. Sinitayeho ivyo iyisi y'ubupfu ivuga. Nyoboza Mwami Mpwemu waWe.” Aho mwaciye mucirwa urubanza. Nimwifateubwanyu ko muri abasazi kubwa Kristo no mu kugororoka kwiWe, urya Munsimuzohagarara mutagipfa, musa naWe.

88 Inzirani imwe gusa. Gute? “Kuko muri Mpwemu Umwe, twese ari ho twabatirijwe kugirango tube Umubiri umwe.” Kandi igihe uba uri mur'uwo Mubiri, urubanza rwaramazegucirirwa uyu Mubiri, rero uba waraMwemeye nk'impongano y'ivyaha vyawe.

Uravuga uti: “Narakoze ibi mwene Data Branham.”

Aho, iyo Mpwemu Yera aje akaguha ikidodo bwakimenyetso, Uyo Mpwemu aca akwinjiza mu Mubiri wa Kristo. Uca uhindukira, kukouba uri icaremwe gishasha muri Kristo Yesu. “Uba wavuye mu rupfu ukinjira muBugingo. Ivya kera biba bihise, rero uba uri icaremwe gishasha muri Kristo!”Amen.

Ôo, ndabinginze, nimunyemerere ndabemeze, mwene Datamushikanje Mukristo. Ntureke iri kanguro ngo rikurengane. Utegerezwa kuronkaMpwemu Yera. We ni iki? Mpwemu w'Imana. Ni igiki camuzanye? Kugira akurongore, akuyobore,akwuzure, akweze, agusohore, akwinjize mw'Ishengero.

Ishengero ni iki, iryo jambo ishengero risobanura iki? “Abahamagariwe gusohoka, abatandukanijwe.”Ôo, mbegaukuntu noca mfata ubundi butumwa muri ivyo kano kanya nyene! “Abahamagariwegusohoka, abatandukanijwe,” ba kavantara, kure y'isi, ingenzi na kavantara, twaturayuko hano ata gisagara co kw'isi twipfuza kubamwo. Ôo, bagenzi!

89 Nka Aburahamu, Isaka na Yakobo, babaye, baguma mumahema mu gihugu. Bavuga yuko bari ingenzi na ba kavantara, uruvyarob'umuragwa, umuragwa wa hariya; sogokuruza, umuragwa. Turi imbuto zabo. “Barikobarondera Igisagara ico Umugezi Waco n'Umwubatsi Waco yari Imana.” Amen. Barikobararondera.

Kandi na bugingo n'ubu, uruvyaro ruracarikorurarondera ico Gisagara kizoza, ruvuga ruti: “Sinshaka kwishushanya n'iyi si.Singomba kugira ico mpuriyeko n'iyi si. Ngambo, ndiko ndondera Igisagara cubatswemw'ishusho ya kwadarato. Ndiko ndondera Igisagara gifise Ubugingo Budashira,aho izuba ritazigera rirenga, aho ata myaka y'ubusaza izokwigera ibaho namba,nya dutambara tw'ikigandaro ku miryango y'ahapfiriye umuntu tuzongera kubaho,canke imva ku mpinga y'umusozi. Ndiko ndondera Igisagara, ico Umugezi waco n'Umwubatsi waco, ari Imana ubwaYo.”

90 Hari inzira imwe gusa yo kukironka. “Gushitsa ahoIbuye ryaziye rishingutse ku musozi ridasituwe n'amaboko, ryatembagaye mw'isirirayimenagura, maze icika nk'aho basekurira ingano…canke umuguruka mu kibuga.”Reka iryo Buye, Yesu Kristo; iryo Buye ry'igitsitaza kw'isi, iryo Buyery'igitsitaza, Ibuye bacokora, Ibuye ry'igitsitaza kw'ishengero; ariko rikabaIbuye ry'igiciro, Ibuye ry'akabuyenge ku wizera, Ibuye ry'ugushira amanga,Ibuye ry'uburuhukiro. Ôo, bagenzi!

Kuruhuka! Ndazi yuko navuye mu rupfu nja mu Bugingo. Umushahawanje uri mu buruhukiro. Ôo! "Nimuze kuri Jewe mwese abananiwe n'abaremerewe,Ndabaruhura." "I - ikimenyetso twovuga yuko ari kibi," niko umuvugishwa yabwiyeMariya. Kizoba ari ikimenyetso, koko kizoba ari co. Kuzoba ari ugushira amanga.Ruzoba ari urukundo. Kuzoba ari uguhazwa. Kizoba ari ikintu kizokumenyesha yukowavuye mu rupfu winjira mu Bugingo.

91 Mwene Data, mushikanje; nka mwene So, nk'umusavyiwanyu muri Kritso, reka ndabemeze, n'umutima wanje wose. Ntureke ibi ngo bigucehejuru, canke ngo biguce ku ruhande, canke musi yawe. Numwakire mu mutima wawe,hanyuma uzoca uba umuntu anezerewe kuri iyi si.

Sindiko ndabasezeranya ngo muzoronka amamiliyoniy'amadolare. Oya mushingantahe. Mwene Data Leo, ndibaza ko habayeho vyinshiben'ivyo vyasezeranijwe ngo: "amamiliyoni y'amadolare," ibintu bitandukanyeabantu băvuze. "Hamwe woba Umukristo, woca uronka umuliyoni w'amadolare kandiuzoca uba umutunzi." Jewe nta na kimwe ndabasezeranije. Iki nico ndabasezeranije, ikintukimwe gusa nshobora kubasezeranya: Agakiza kayo. Ubuntu bwaYo burahagije kuriburi kigeragezo.

92 Abantu kuri Pentekote, ntibanashaka n'ivyo baribafise. Ubu naho muvuga abanyamamiliyoni? N'ivyo bari bafise ntabwo babishaka,mushiki wacu Angie.

Nari nipfuza kukwumva wewe na Gertie muririmba, umwemuri iyi minsi (Mbe ari hehe?) Iyinga ryoGutaha i Muhira, umwe muri iyi minsi. Bamwe muri bo baramaze kurengana umupakauhereye none. Ôo, bagenzi!

Ntibasaba ibintu bihambaye. Ntibasaba amahera. Erega,Petero yavuga ati: "Nta feza cane izahabu mfise, ariko ico mfise, ndakiguha."

Kandi ibi ndabivuze kano kagoroba, bagenzi. Umunezero,urukundo, ugushira amanga, mfise biva kuri Kristo no ku Kuzuka kwiWe, icomfise, ndakibahaye; ndakibahaye, nk'abana b'Imana.

Rero nimuze mugume ku musaraba nimba ImanaYarabahamagaye, kandi aho ntimuhave. Nimwaza ejo ku mugoroba, muze muzewanashaka mwinjira hariya mugumeyo gushika birangiye; canke muze, tugiyegusenga tubarambikeko ibiganza. Gende…Iryo ni itegeko rya Bibiliya, kurambikaibiganza ku bashaka Mpwemu Yera. Rero tugiye, muzoca mutaha iwanyu…Nimwagumahano nyene, nimwahaguma amajoro yose, mukagumaho umunsi ukurikira, mukhagumaumunsi ukurikira, mukagumaho muri ubu buruhuko, mukahaguma gushika umwakautanguye, rero nimugumeho, gushika aho.

N'uko, ivyo tuzobigisha vyose ejo ku mugoroba,tubereka muri Bibiliya Igitegerezwa kuza, kizoza. Kandi iyo kije, nta mashetaniakwiye ari ikuzima…Uba uzi yuko wavuye mu rupfu winjira mu Bugingo. Uba uriicaremwe gishasha muri Kristo Yesu. Inkengeri zo mw'Ijuru zizoca zivuga.

93 Mwene Data Othal, ndakubwire, bica bikururumbishagusa. Hano hariho umuhungu wa kera, mwene Data wanje wa kera, umubandiyagendana n'abandi babandi, arondera umuntu mw'ikorosi, umuntu wo kumenaumutwe. Hanyuma habaye iki? Umunsi umwe yaritegereje aca yizera kugira aronke Ubugingo.Yarabandanije urugendo. Yarakurikirana ibikorane vyanje. Kandi uwo mugorwa, mugihe ata n'ivyo kurya bikwiye yar'afise, yarambarara mu vyatsi hirya y'ihemakugira abe ari ho arara, n'inzara n'akantu, anyotewe. Hanyuma umunsi umweMpwemu Yera aca araza. Ôo, mwene Data, vyaciye biguhindura, siko? VyazanyeUbugingo, maze bica bishiburira kure urupfu. Urwanko rwaragiye, urukundo rucarurinjira. Ôo, bagenzi! Inzika n'impwemu y'ibihari vyaciye bigenda; Ubugingobushasha buba burinjiye.

Nimurabe ng'aha abandi benshi, abandi benshi, nahariya hose. Ôo, inkengeri zo mw'Ijuru zica zivuga! Bagenzi, nta buryo mbona nokoreshakugira ndabiserure.

94 Nimwumve, imbere yuko nshobora kuva kuri ibi, nimbamwarizeye igishingantahe canje nk'umusavyi wa Kristo, kandi nkaba naragerageje kuberekankoresheje iyi Bibiliya y'Imana yuko ari ukuri. Kandi nimba amajambo yanjeaboneka nk'aho ashobora kuba ayatangaje kuri ibi, nimwitegereze iryo foto yomw'isi y'ubushakashatsi. Nimwihweze icamwa, ya Nkingi y'Umuririo imwe yarongoraAbana b'Isirayeli, nimurabe icamwa Yama. Murabona ivyo ikora, ivyo ivuga.

Si jewe mvuga; ni Imana Ivuga iciye muri jewe,murabona. Si jewe mbona iryo yerekwa; ni Yo Ivuga Iciye muri jewe. Si jewenkiza abarwaye; ni iYo iri muri mwebwe, Ikiza abarwaye. Si jewe mvuga ubutumwa;nta kindi ndi atari inyange inyagiwe, ico ciyumviro kikiza noca mpunga, arikoni Yo Ivuga iciye muri jewe. Nta Jambo nzi; ari Yo Irarizi. Ni ivyo gusa. Ntabindi. Ivyo niko biri.

None ng'Iyo. Kandi wa Mumarayika nyene w'Imana aring'aha nyene muri iyi nyubakwa kano kagoroba. Ôo, ese ukuntundaMukunda!

95 Ubu rero ni bangahe bagomba kwakira Mpwemu Yera? Nidusuzuma ubuzima bwacu. Ni bangahe bataramuronka, ariko bamushaka? Nimukirizeibiganza vyanyu, muvuge muti: "Mwene Data Branham, mu bwina bw'umutima wanje,ndashaka kuronka Uyo Mpwemu Yera." Imana Ibahezagire, hariya hose.

Ni bangahe muri mwebwe bamaze kumuronka, arikobakaba bipfuza kubigenza nka kurya babikoze mu Vyakozwe 4, bavuge bati: Ô Mwami, Ô Mwami,ramvura ikiganza caWe gikiza, maze hakoreke ibimenyetso n'utumiza mw'Izinary'Umwana waWe Yera Yesu, kandi umpe ugushira amanga kwose n'urukundo, kugiranamamaze, hamwe n'umwuzuzo mushasha‟? Egome, n'icanje naco kirakirije. Mana, niumumpe.

Reka twunamike imitwe yacu, mu bwina bw'ukubaimvugakuri, umwe wese agumize icipfuzo ciwe mu mitima yanyu.

96 Mwami, turarangije kuno gukorana kwacu guto kw'uyumugoroba, inyuma yo kugiranira isangira dukikuje Ijambo na Mpwemu Yera. Eseukuntu Yaduhezagiye yongera asuka mu mitima yacu amavuta y'Ijambo ryiWe! Harihohano abakozi b'Imana, hariho abantu hano băbāyeho ubuzimabw'ubwoko bwose, ariko băhōnjeje basanga Umwami ni Mwiza. Ubu rero turazi icoUyu Mpwemu Yera ari, isezerano ry'Imana. Ni Ubugingo Budashira ku wizera wese.

Kandi turazi yuko Uyo Mpwemu Yera ari Mpwemu waKristo yarungitswe, kandi ari muri twebwe uyu munsi. Nk'uko Imana Yari hejuruyacu, mu Nkingi y'Umuriro; ninako Yagendanye natwe, mu mu…umubiri witwa Emanweli: "Imana iri kumwe natwe"; nayoubu Iri muri twebwe, biciye kuri Mpwemu Yera, Imana muri twebwe. Ôo!

Yesu Yavuze ati: "Uwo munsi muzomenya ko Ndi muriData, ko namwe muri Jewe, Nanje muri mwebwe. Uwo munsi muzotahura. Kuko, murimw'isi y'umwijima, nk'uko biri, ubu, ariko kur'uwo munsi muzotahura."

97 Data, ntivyoshoboka ko bitomorwa ngo bigaragare muburyo butunganye, kubera mur'ico gihe ntitzoba tugifise ikintu na kimwe cokwizera. Ariko ibikorwa vyose vy'Imana bizirikiye ikwizera. Kandi mu kwizeraIjambo ryaWe, mu kimenyamenya ca Mpwemu Yera uwo tuza tuzi ico ari co kanokanya, ndasavye umushaha wose uri hano ushonje uze kwuzuzwa Mpwemu Yera. Abatamufise,ariko bamushonje, wibuke gusa…Twobabwira Mwami, nka kumwe naWe Wavuga Uti: "Muzobamuhiriwe, nimwagira inzara n'inyota. Muzohazwa." Iryo ni isezerano. No kugirainzara vyonyene ni umuhezagiro. Muba mumaze guhezagirwa kumenya gusa yuko ImanaYavuganye namwe, kubera Yavuze ati: "Nta n'umwe ashobora kuza kuri Jewe Data atâbānjekumukwega."

Kandi Mwami, ehe aba bagwanyi ba kera, bakirijeibiganza vyabo. Naje icanje nagikirije. Ô Mwami, ni Uduheinkomezi, ni uduhe Ubushobozi bwo kuramvura ikiganza c'Umwana waWe Yera Yesu, kugiraibimenyetso n'utwumiza bikoreke, kugira gishobore kuba igikorwa c'ubwina, ikintugihambaye kitari bwigere gishika. Ni Uduhe ubushizi bw'amanga n'urukundo, kugiratwamamarize abantu. Biduhe, Mwami. Bana natwe muri vyose, tubisavye mw'Izinarya Yesu.

98 Kandi ejo ku mugoroba, Mwami, reka haze haze igihuhutank'umuyaga w'inkomezi, kize kimanuke kuri iyi nyubakwa, ku buryo uzobank'uwundi Munsi wa Pentekote. Urufatiro rwashizweho. Ibintu vyose biriteguye. Ibimasavyabazwe, inyana zinuze zabazwe, impfizi zabazwe; imeza yashizweho, abatumirebatumiwe. Ô Mwami, Uzorungike yubile ya Pentekote, ejo n'i mugoroba, muri iyinyubakwa, Uze Wuzuze umushaha wose umubatizo wa Mpwemu Yera. Biduhe Data. Tubisavyemw'Izina rya Yesu. Amen.

Tuzomenya vyinshi,

Tuzoba dufise inanga y'inzahabu,

Kumbure y'imirya ibihumbi;

Tuzoririmba, tuvuze impundu, dutambe twigina amatavu,

Umwagazi azoduhanagura amosozi;

Tuzogira iyinga rimwe ryo gutaha i muhira,

Ya myaka ibihumbi cumi ya mbere. (Amen!)Ya Maraso y'igiciro y'Umwana w'Imana w'Ikinege yogejeyongera areza

Ihanga ridasanzwe kubw'Izina ryaYo kandi bitwaUmugeni.

N'ubwo hano basuzugurwa bakanebagurwa, umunsi umweUmwami azokwinjiza abo Batoranijwe mw'irembo, kandi ivyo birengeye vyose.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7